# Igihe C’Ishengero Rya Tuwatira

Jeffersonville, Indiana, USA

08 Kigarama 1960

1 Uburero kuri uno mugoroba tura…Neza na neza imbere yuko dutangura iki gihe gihambayec'ishengero…Nda -ndizeye ko Umwami wacu aja kudusukako Mpwemu wiwe… mazeyongere aduhezagire. Kandi ico dushoboye gusa ubu ni uguca ku masonga, kukouravye ivyo bintu vyabaye bihambaye biri imbere yacu, twomara iyinga ryosehano. Kandi, oh, ejo ku mugoroba twagize ibihe vyiza cane!

Neza, ubu rero imbere yuko dusoma Ivyanditswe, rekaduhindure gato uko twari -twari turiakanya gato maze duhaguruke kugira ngo dusenge.

2 Data wa twese w'imbabazi wo mw'Ijuru, tuje muri ryaZina ryikwije rwose ry'Umwami Yesu, tuzi yuko umusi umwe uzoza. Kandi turiko tuerageragezagutegura imitima y'abantu ngo bakire iyi mpishure ihambaye itwereka yuko uriUmwana muzima w'Imana; yuko utapfuye, ariko yuko uhora uri muzima, kandi ukabamw'Ishengero ryawe nk'Icabona ca Pentekoti, c'ico gihe gihambaye aho ibihe vyoguhembuka biza bivuye mu Nyonga z'Umwami. Turanezerejwe cane no kwongera guhimbarirwaivyo bihe hano inyuma y'imyaka igihumbi n'amajana icenda.

Kandi Data, turunamitse imitwe yacu duciye bugufi kubw'icubahirodufitiye abo bagabo bakomeye bo muri ivyo bihe vyose, izo nyenyeri wari ufisemu kuboko kwawe, izo wavuze yuko bari, “abamarayika b'ibihe vy'Amashengero,” abakozib'Imana. Ese ukuntu tugushimira kubwa Paulo Mweranda ahambaye, wo mu gihe ca Efeso.Ese ukuntu tugushimira kubwa Ireneyo, O Mwami, Ireneyo umugurano wawe ahambaye;no kubwa Maritino Mweranda; kuri uno mugoroba naho kubwa Kolomba Mweranda.Mwami, ese ukuntu tugushimira ku bw' abo bagabo. Hagati na hagati mu Kiromac'umwijima, muri ca gihe ubupagani bwariko buraza mw'ishengero, barahagazenk'intwari barwanira bwa Butumwa bo n'imigisha yo kuri Pentekoti, bavuga mu ndimi,na -n'ibimenyetso bihambaye n'utwumiza, ugukiza abarwaye, no kuzura abapfuye.

3 Benshi muri bo, Mwami, baratabaguwe, baricwa,bagaburirwa intambwe, ibintu bihambaye cane vyabaye. Isi yasheshweko amarasomenshi y'abagororotsi. Kandi Data, amaraso yabo n'uno musi arasemerera yagirizairyo shengero ribi kandi ry'irimaka. Kandi wavuze, umusi umwe igihe wasuka…« “Igiheumumarayika yasuka urwavya rwiwe kuri ryo, kandi a -amaraso y'abishwe bosebahorwa ukwizera yabonetse muri ryo. »

Mwami, nudufashe tugire…twitegurire guhaguruka ubu,kuko igihe kiri hafi. Mu gihe tubona ca gikoko gifise amahembe abiri gisokorokakiva mw'isi, atari bwinshi n'amasinzi y'abantu, “gifise amahembe nk'ay'umwagaziw'intama, ariko cavuga nk'igisato.” Turizera yuko ico gihe cegereje cane ubu, Data,mu gihe ayo mashengero ariko araja hamwe mw'ishirahamwe, “Akora igishushanyo caca gikoko”; kandi bizoba biteye ubwoba kuri uwo mugwi, Mwami,w'abatazokwifatanya na bo. Rwa ruhamo ubwarwo ruzoza, ariko warasezeranye komuri ico gihe nyene Uzoca Uzamura Ishengero ryawe. Dufashe, Mwami.

4 Imbere y'uko hagira n'imary'amazi rikoroka, Nowa yari mu bwato. Imbere y'uko umuriro utibukira i Sodomu,Loti yari yagiye. Data, turizera, yuko imbere yuko ibirwanisho ruhonyangandabishwanyagura ino si ikaba ubunywenywe, Ishengero rizoba ryagiye. Turanezerewecane, Mwami! Kandi, turazi yuko ayo mabombe abitswe mu mahangari, kuri uwumugoroba.

Kandi turashobora kuraba mw'Ijuru maze tukabona waMwana w'umuntu ahagurutse ava ku Ntebe yiwe y'ubwami ngo atangure urugendo ruganakw'isi kugira ngo azamure Ishengero ryiwe; kandi turazi yuko Ibirenge vyiwevy'igiciro kinini bitazokora kuri ino si y'ivyaha ico gihe; kuko nk'uko Rebekayuriye ku ngamiya maze yururuka ava ku ngamiya, neza na neza imbere yukoashikira inzu ya Aburahamu, hariya mu gahinga ahoyahuriye n'umukwe wiwe. OMana, kandi n'Ishengero tuzosanganira Umukwe wacu mu kirere, “kuko twebweabazoba bakiriho dusigaye, tutazokwitangira imbere y'abasinziriye na gatoya.Inzamba y'Imana izovuga, maze abapfiriye muri Kristo ni bo bazobanza kuzuka,maze tuzoca duteruranwa na bo gusanganira Umwami (mu gahinga) mu kirere, Ni hotuzokwama tubana na We ibihe vyose.”

Oh, nudufashe, kuri uno mugoroba, Mwami. Nuduhe ubugwanezabw'impwemu zacu; kandi ukure umururazi wose be no kuba sindabibazwa muri twebwe,maze dushobore kwinjira rwose muri Mpwemu Yera. Reka wa Mumalayika w'Imana aganzekuri uno mugoroba.

Mwami, sinzi ico nobwira aba bantu. Hano, nanditse ibivugwamuri kahise n'ibindi vy'ivyo wakoze, ariko bisaba yuko ari Wewe usobanura ivyakazoza, kubw'ivyo ndagusavye ngo ukunde ubiduhe, mw'Izina rya Yesu Kristo.Amen.

5 Ubu rero reka tuzingurure mu Gitabo c'IvyahishuriweYohana. Kuri uno mugoroba tugeze ku gihe c'ishengero rya…Igihe ca kanec'ishengero, Tuwatira, igihe kidasanzwe c'ishengero kizwi nk'Igihe c'Umwijima. Iki gihe c'ishengerocatanguye mu 606 maze kirangira mu 1520. Na…Nico gusa nari nshoboye gukora,kugihitamwo. Abize tewolojiyabenshi bafata -bafata Patrick Mwerandayuko ariwe nyenyeri canke intuze…buri…

Inyenyerindwi zari ba "bamarayika ndwi" ba vya Bihe Ndwi vy'Ishengero. Ku vy'ejo kumugoroba, turazi ata gukekeranya na gato ko ari Luteri; hanyuma Wesley. Ntituziuwuzoba ari inyenyeri y'iri shengero rya Lawodikiya. Ni…Turi muri ico gihe ubu,kuva mu 1906 ku ntango ya Pentekoti. Ariko hazobaho umumalayika azohaguruka azokomvomvoraimitegekere yose, yongere ategure Ishengero ngo ritahe i Muhira. Rero, segabakanaka wa -wa…muri Mpwemu, azohagurukana ibimenyetso n'utwumiza. Ubu rerondasaba yuko Imana izodufasha kumenya ico kintu.

6 Mu guhitamwo uwu, mu kuraba neza ibi vyose, PatrickMweranda yari umuntu ahambaye. Kandi dufashe zimwe mu nyandiko za kera, PatrickMweranda ntiyari Umukatolika. Yararwanya ishengero Katolika. Kandi mu gihe ca bwaBugorozi, iyo nemera bari bafise yarasubiwemwo gusuzumwa, maze bigaragara koPatrick Mweranda yarwanya ishengero Katolika. Ko…Ariko n'aho biri uko PatrickMweranda yasa n'aho yari umuntu ahengamiye kuvy'amadini, yari afise ishureryiwe bwite. Ubwa mbere yagize…Igihe yanyuruzwa ari ku nkengera y'ikiyaga, arikumwe na bashikiwe babiri bato abo atigeze yongera kwumva iyambu ryabo. Baratwawe, kumbure i Roma maze bagurishwa ngobagirwe abaja. Na we nyene yaratwawe hanyuma aragurishwa nk'umuja barahezabamuha akazi ko kuragira ingurube.

7 Yaciye amenyereza imbwakuragira -kuragira ingurube ziwe, n'ibindi, kandi zarashobora kuza ku majwiatandukanye n'ibindi bimenyetso yashobora guha izo mbwa. Kandi uburuhiro iyo niyo yahavuye iba inzira yiwe yo gucika; mu bwato musi, igihe izo mbwa zamufuka,kugeza ashitse mu kiyaga hagati. Mu nyuma yahavuye agaruka mu gihugu ciwe ciza,ari co Irlande, asangase na nyina bakiriho. Patrick Mweranda yari u -umwishwa w'umwe MaritinoMweranda ahambaye.

Uwo nawe yabaye umwe mu bantu bahambaye kurushaabandi twigeze kuronka kuva kuri Yesu Kristo, yari Maritino Mweranda.Amashengero yiwe yose yari yuzuye Mpwemu Yera; yose yaravuga mu ndimi, yariafise ibimenyetso n'utwumiza, n'ibitangaza; ibitangaza vy'ubwoko bwose bikoreka.Yagumije ukwizera kwo kuri Pentekoti hagati na hagati muri ico gihe c'ishengerocariko kirabirana n'ivy'Ubukatolika, ivy'ubupagani n'ivy'Ubunikolayiti birikobirabirana, bigira idini, ivyatumye A -Abanikolayiti, abo twita Nikao, bisigura "kwigarurira,kwigarurira, canke gukombora," abanyeshengero, no gukura Mpwemu Yera mw'ikoraniro,hanyuma bakavuga bati "patiri wenyene ni we ari mweranda, uwo muntu gusa." Murabona? Hanyuma bakabaho uko bigombeye, ndibaza, upfe kwirega gusa kwa patiri. Rero bo…

8 Ejo ku mugoroba twarabonye yuko -yuko babashizeho,yuko Constantino yashizeho umwepisikopi wa mbere, mazeashiraho… abaha izo nyubakwa, nk'uko twabahayeamatariki vyabereyeko n'ivyo vyosemwashoboye kwandika. Hanyuma bari bafise musi mukuru uhambaye wo kubonekakw'izuba, waba ku musi wa 21 w'ukwezi kwa Kigarama, igihe umusi mugufi kurushaiyindi wo mu mwaka. Uko ni ko binjije iyo nyigisho irema ibice, bavuga ko WeYari "umusi w'izuba." Murabona, u -umusi wo kuvuka kw'izuba, baca bakura ivuka rya Yesu Kristo muri Ndamukiza barishiramuri Kigarama itariki 25.

Kigarama itariki 25. Muri iyo misi itanu, niho Abaromabagira imisi mikuru ihambaye, inkino z'ibikoko, n'ibindi, kandi ico gihe ni hobahimbaza uwo musi mukuru uhambaye w'igipagani. Uwo mugabo bari bamushizehejuru nk'imana ubwayo hariya, baramwambika neza n'ibindi. Gurtyo rero imanayabo yari hagati muri bo. Kandi intuze…Ico gihe ni ho havuka ba bantu bigishako kwa kuganza , kw'imyaka igihumbi kwarenganye, aho nyene, kubera ko bibazayuko ishengero ryari ryinjiye muri ya Nganji y'imyaka igihumbi ico gihe.Murabona, kuko bari batunze, ataco bakenye, Leta n'ishengero vyiyunze. « Turimuri bwa Bwami bw'imyaka igihumbi. » N'uyu musi iracari inyigishoy'ishengero Katolika. Murabona ? Ubu, « Bwa Bwami bw'imyaka igihumbi turimuri bwo, » Turazi ko atari vyo. Ubwami bw'imyaka igihumbi : Ukuzakwa kabiri kwa Kristo ni kwo kutwinjiza muri bwa Bwami bw'imyaka igihumbi. Niivy'ukuri.

Isi iriko irahira, iborogayiteze uwo musi mwiza wo kubohoka,

Ah'Umwami wacu azogarukirakw'isi.

9 Rero, uwu mwerandaahambaye yari Kolomba. Yari umuntu w'Imana ahambaye.

Ubu rero, kahise kiwe ndafise aho kanditse hano. Ubwambere, iki gihe ca kane c'ishengero, Tuwatira,bisigura "korosha, kurekura,"cankenaho "kirimwo urwijiji."Murabona? Cari igihe hakorwa ibintu bitemewe n'amategeko gihera mu 606 kugezamu 1500.

Inyenyeri yari Kolomba, wo muri Irlande no muriEcosse, akaba yari umwishwa wa Maritino Mweranda; akaba yabayeho hafi nk'imyakamirongo itandatu inyuma ya Patrick Mweranda, kubw'ivyo rero ibango ry'igikorwaciwe ryatanguye haciye hafi imyaka mirongo itandatu ya Patrick Mweranda.

Ntiyigeze yemera inyigisho z'i Roma. Yari umugaboafise ukwizera kwinshi. Yaranse inyigisho z'i Roma; ntiyigeze aja i Roma kandiyaravyanse rwose. Ni, sinashoboye kubona aho bigeze bamugira umweranda. Nk'ukobagize Maritino n'abo bandi, ntibamushize mu gitigiri c'aberanda na Ireneyo kuko bari bakiri muri rya Shengero ryari rifiseibimenyetso n'utwumiza vyo kuri Pentekoti, ariko barizera. Ntiyigeze yemerainyigisho ziva i Roma, mu nyigisho zabo. Yumiye ku nyigisho zo muri Bibiliya,agakurikiza icitegererezo ca nyina wiwe yubaha Imana, ari we mushiki waMaritino, kandi ntiyigeze akurikira inyigisho z'i Roma igihe na kimwe.

Yigisha yukovya bimenyetso vyo muri Mariko 16 bitegerezwa kukurikira uwizera wese. Amen! Jewe… Umuntu nk'uwo ni wenkunda; yizera. Egome, mushingantahe.

Ya -yariyumviye n'amatwi yiwe Ijwi ry'Imanarimuhamagara. Ico ni ikindi kimenyetso ciza kuri we, murabona. Hanyuma y'ivyorero nta na kimwe cashobora kumuhagarika, yaciye agenda, uh-huh, yari murugendo igihe yumva Ijwi ryumvikana ry'Imana.

10 Igitangaza kimwe… Ndafise vyinshi nandi-…hano, arikoreka dufate iki kimwe gusa. Igitangaza kimwe ni mu gihe yari yagiye mu gisagarakimwe, ico Umwami yari yamurungitsemwo, ariko abo muri ico gisagara ntibashakakumwakira, kubw'ivyo barasohotse maze bagerageza ku... baciye bazana abavuzaumuziki, n'ibindi, baca bugara amarembo y'igisagara hanyuma bagerageza kumurezaurwamo mu kuvuza, abo banyamuziki. Aca atangura kuvuga Ubutumwa, maze ijwiryiwe rica riramira urwamo rwa bamwe bavuza imiziki; maze amarembo acaaruguruka, aca arinjira, avuga ubutumwa uko biri kose. Abo bantu bose bacabarahindukirira Imana.

Ng'iki ikindi gitoya nagomba gusa n'uwucako gato.Yaragiye mu gisagara kimwe. Ibisagara vyabo vyari bizitijwe impome zikomeyemuri ivyo bihe, koko. Rero aja muri ico gisagara, ariko baca baramwirukana. Akigenda,umuhungu w'umukuru waho aca afatwa bukumbi aba intere, baca barungika abantuguhamagara uwo mweranda mwiza ngo agaruke. Yaragarutse hanyuma yubama kuri wamuhungu yariko aracikana, aca yongera kuba muzima.

11 Ishengero ryiwe ryari ryuzuye Mpwemu Yera, ntiyahanganiraikintu na kimwe kidakwiye, kuko buri munyeshengerow'ishengero ryiwe wese yategerezwa kwuzura Mpwemu Yera. Kandi yararwanyaakongera akanka urunuka inzego z'uburongozi bw'i Roma. Ndizera yuko yari weyari inyenyeri yo muri ico gihe. Yakora iki? Yaravuga mu ndimi, akigishaumubatizo mw'Izina ry'Umwami Yesu, agakora nka bimwe nyene vyigishwa mu ntango.Namba Imana itagira iherezo, kandi uko akaba ariko yashinze Ishengero ryayo muntango, ritegerezwa kuguma ari rya rindi nyene, kandi ryamye (ndetse no mu kubainkehwa) igihe cose; ryabaye nk'aho rizimanganijwe ngaha, ryongera kugaruka biciye kuri Luteri.

12 Ubu rero, tugomba gutangura rero, kugira ngo turabeyuko twotangura kuraba imwe muri iyi mirongo ubu, ku… turahera ku murongo wa 18:

…Kandi wandikireumumarayika w'ishengero ry'i Tuwatira..

Mwabonye abo -abo vyerekeye? Ubu butumwa bubwirwaumumarayika, canke umukozi w'Imana afise Umuco w'ico gihe c'ishengero. Murabona?Ubu rero, ejo ku mugoroba twarabonye, mu gusozera iki kindi gihe c'ishengero ca-ca Perugamo, yuko umumarayika w'iryo shengero (ahavugwa Uwunesha muri ico gihec'ishengero) ko azohabwa ibuye. Kandimuri iryo buye...

Rero, twarafashe ako "kabuye" hanyuma turerekana ico kagereranya, gasigura "Urutare." Ni iki?Uwo mumalayika yobaye ari nka Petero, yiswe "ibuye."

13 Twarabonye yuko amazina yanyu afise akosho kubuzima bwanyu. Ubu rero, ivyo sinshobora kuvyinjiramwo cane, kuko umurwaniziafise uburyo aharuramwo butari bwo, ivyo turabizi; kandi ivyo biratuma abantubiyumva ukuntu kanaka, n'ibindi nk'ivyo, vyinjira mu vy'imizimu. Kandi ivy'imizimuni ivya wa murwanizi. Ivyo turabizi! Ni co gituma mukwiye kwiyubara cane. Nk'ukoba…

Igituma bavuga ko Yesu ari "Beyezebuli","idayimoni," ni kubera ko, murabona, yashobora gusesa ivyiyumviro biri mumitima yabo. Murabona, ariko yari We Jambo ry'Imana. Kandi mu Baheburayo 4havuga ko "Ijambo ry'Imana rifise ubugi buruta ubw'inkota zose, rikinjira n'ahoritanya ubugingo n'impwemu, rigatanya ingingo n'umusokoro, risuzuma ivy'umutimawiyumvira, ukagabira." Murabona? Kubw'ivyo We yari Ijambo, ni We Jambo rizima,kandi Ijambo rizima riraza muri twebwe maze rigakora muri twebwe nk'ivyo nyene.Murabona, nka vya bindi nyene, kuko ari rya Jambo nyene. Murabona, ni co kintunyene kiri hagati muri twebwe. Uko ni ko bigenda. Birashika ko abantu babiri batarimuri uwo muce bavuga mu ndimi, uwundi akazisobanura. Ivyo ni ibiki? Ni Ijambo ryongeye kwambara umubiri hagatimuri twebwe!

14 Hanyuma rero, turabona yuko uwu mumalayikayokwakiriye… ni umumalayika w'ico gihe c'ishengero yahawe ako "kabuye." Kariakabuye kera, riterekana ukugororokakwiwe bwite ahubwo ryerekana "ukugororoka kw'Imana ubwayo."

Kandi muri iryo buye hari handitsemwo "izina," izina ata n'umwe yari arizikiretse uwarihawe ubwiwe. Yari arizi, ariko nta wundi atari we yashoborakurimenya. Kubw'ivyo iyo mwumvise abo bantu babaryosharyosha, bavuga ayabo; ngo ni ba "Yohana"; ngo ni ba "Paulo", ngo ni ba "Mariya",ngo ni "ibi," "birya," na "biriya." Ntimuvyizere, kuko iyo biba vyari vyo, ntana kimwe bokwigera babivugako. Murabona? Ni ivy'ukuri. Ategerezwa kurigiraibanga. Ararizi. Nta wundi n'umwe arizi kiretse we wenyene, ariko we ararizi, kukouwamaze kunesha koko wese aca ahabwa izina rishasha muri ubwo -ubwo -ubwoburyo.

15 Mwarabonye yuko Aburahamu yahora yitwa Aburamu, Arikoigihe Imana yari itanguye kumukoresha, yaciye ihindura izina ryiwe imwita "Aburahamu."S-a-r-a-y-iyari Sarayi, ariko Imana igihe Imana yagomba

kumukoresha, yaciye ihindura izinaryiwe imwita S-a-r-a: Sara, "umwamikazi." Mwari muzi ko Yakobo… Yakobo yari "intonyotsi." Esawu risigura "inzobe y'umuyugubwe",savyoya kandi afise inzobe, umuntu afise inzobe y'umuyugubwe, w'inzobe hose, niEsawu. Rero, Yakobo nawe yari "intonyotsi." Kandi intonyotsi ni "umubeshi." None Esawuntiyavuze ati : "Mbega koko ntiyitwa Yakobo,'intonyotsi'?" Ariko igiheyanigana n'Uhoraho ijoro ryose, akanesha, kandi agahezagirwa, Imana yaciye ihindura izina ryiwe; riva kuba Yakobo riba Isirayeli, "uwuganzanyan'Imana." Paulo yahora yitwa Sauli gushikaigihe yahura na Mpwemu Yera mu mero y'Umuco wamukayanganiye hejuru, izina ryiweryahora ari Sauli rica riba "Paulo." Simoni,igihe yahura na Yesu, yaciye ahindura izina ryiwe amwita "Petero." Ivyo…

Igihe Yesu nawe yanesha, Izina ryiwe ryaciye rihinduka.Kandi yohishuye iryo Zina "Uwobaye ari kumwe na We, akanesha nk'uko na Weyanesheje, yahawe izina rishasha; kandi nzomuhishurira Izina ryanje rishasha."Murabona? Kandi uwunesha wese, nshaka kuvuga mu bantu nk'abo: abarongozin'abandi. Rero Abisirayeli bose ntibahinduwe amazina, ata nkeka. Ni ivy'ukuri.Ariko abo barongozi bo hejuru, igihe baba banesheje, baca bahabwa izina risha.Mbega murabona ingene ivyo bihuye neza cane? Mu buryo butunganye neza.

16 Rero turabona kandi we ahabwa "manu yanyegejwe."Rero, Manu yanyegejwe igereranywa na ya mitsima y'ibiterekerwa. Imitsimay'ibiterekerwa yari iy'abaherezi gusa. Ni ivy'ukuri. Imitsima y'ibiterekerwayari iy'abaherezi gusa. Kandi bara…Cari ikintu kidasanzwe cagenewe abaherezi, ni ukuvuga, abarongozi; kandi uwo muntu yaranesheje.Ikoraniro ryose ryarahawe manu, ariko we yaronse manu (idasanzwe) yanyegejwe, canke « impishuro idasanzwe, » oh, y'ico Yesu yari ari,bo n'ibimwerekeye, ibimwerekeye vyose. Murabona, yaronka iyo mpishuro iyo yaba yanesheje.Ku mumalayika, « Shikama, kuko uwu... » Yari yanesheje! Ivyo vyabwirwaumumalayika w'ishengero. Murabona?

17 Kuri uno mugoroba, mu gutangura turabona ngo:

…Kandiwandikire umumarayika w'ishengero ry'i Tuwatira,

ut'Umwana w'Imana, afise… inyonga

zisa… n'imbeya z'umuriro, ibirenge vyiwe… bisan'umuringa w'umwakaka ;

Rero, igihe twamubona mu gihe ca mbere, Igihe caEfeso, canke mu ntango y'Ivyahishuriwe Yohana, twamubonye ari mu bwiza bwiwearangwa n'ibintu indwi. « Umushatsi… » Twarabonye yuko Yohanayamubonye ku musi w'Umwami.

Ubu naho Aje, aba ari Umuherezi. Igihe yari ngaha kw'isi, yari Umuvugishwa, Uwuvugishwa w'Imana. Yafashe Amaraso yiwe bwite maze aja imbere ya Data, bica bitumaaba Umuherezi. Igihe azogarukira azoba ari Umwami. Uwuvugishwa, Umuherezin'Umwami. Yari Umuvugishwa w'Imana, yari Inkona. Yari umuherezi w'Imana,Yari Umwagazi w'Intama. Niyagaruka, azoba ari Intambwe, Umwami, (umuryango waYuda) kuganza.

18 Ariko hagati y'igikorwa ciwe c'Ubuherezi, amazekuva ahera, niho rero duca tumubona ahagaze ngaho. Kandi Yohana yavuze ko yarimuri Mpwemu "ku musi w'Umwami"; si kumusi w'indwi, si ku w'iyinga, ivyo vyose ni amakosa. Ivyo twarabibonye,turasesa hose mu Vyanditswe, twarabonyeko wari Umusi w'Umwami. Ubu turi mu musi w'umuntu. Ukuza kw'Umwami uzoba ari umusiwiwe.

Turamubona rero mu Musi w'Umwami. Kandi, igihe yabonaUmwami, Yari afise "umushatsi wera nka Shelegi." Kandi turazi yuko ivyo vyerekana Umucamanza.

Ikindi naco, ico gihe ntiyariakiri Umuherezi, kuko Umuherezi yakenyeza umukanda mu rukenyerero, bisigura igikorwa. Ariko We yari yakenyereye mugikiriza, ngaha, ivyo na vyo bikabavyasigura ko yari Umucamanza. Amen!Kandi twaramubonye agendagenda hagati y'ibiterekwako amatara ndwivy'izahabu.

Ubu rero twaragarutseinyuma kuri Umwe "Wa Mbere na Mbere,"afise imishatsi yera avyagiye kuri ya Ntebe Yera y'Urubanza igihe Daniyeliyamubona, "Aza kuri wa Wundi wa mbere na mbere afise umushatsi wera nkaShelegi."

Rero, « Wera." Abacamanza ba kera b'Abongerezakuva mu myaka ya kera hose, bamye, iyo bashashe mu rubanza baca Bambara inkoferonini ikozwe nk'umushatsi yera, inkofero ikozwe nk'umushatsi yera nka shelegi, kukobaba ari abacamanza. Kandi Yohana nawe yamubonye mu musi w'Umwami, igihe yari Umucamanza.Amen!

19 Rero turabona ko "Yari afise inyonga zisa n'imbeyaz'umuriro." Izo nyonga ico gihe zasa n'imbeya z'umuriro... Igihe kimwe izonyonga zaratemvyemwo amosozi nk'ay'umuntu. Zarashobora guhagarara no kuririrauwapfuye, kandi azi yuko mu minota itanu ikurikira uwo muntu yongera kubaho;cari ikigumbagumba gusa c'umuntu. Ariko inyuma y'ivyo, hariho ubushobozi bwinshiku buryo yashobora kuraba mu buzima bw'umuntu maze akamubwira uwo ari wen'ivyaba bimwerekeye vyose. Kuko aha rero inyonga ziwe zasokokamwo imishwarara nk'imbeya z'umuriro. Inyonga zishobora kubona iryan'ino kw'isi yose, maze

zikabona ibiriko biraba vyose. Mbega muzohagarara he kuMusi w'Urubanza? Ivyaha vyanyu bizoshirwa ahabona imbere yayo.

Kandi murabona ko yari afise, « Mu kanwa kiwe, havamwo i -inkota ifise ubugi hompi, » iyo twabonye koryari Ijambo.

Twarabonye yuko ibirenge vyiwe vyasa « n'umuringaw'umwakaka, » n'ibindi, bisigura « urufatiro rwiwe. »Yaganishije ibirenge vino y'uburake bw'Imana ishobora vyose, yasiribanze icahamaze acishirako, hanyuma arangije, ahimbara Imana. Ni ivy'ukuri. Kandiurufatiro rwiwe ni na rwo rufatiro rwacu.

Nshingwe kuri urwo Rutare; (niko Eddie Perronet yavuze,)

Nah'ahandi ni umusenyi»(Ni ivy'ukuri!)

20 Rero turabona hano, ko igihe cose aje mu gihe c'ishengero,yidondora muri rimwe mu Mazina y' Ubumana bwiwe. Turabona ko hariya inyuma, ica mbere mu mpishuro zose ko ari Ubumana(Ubumana Bukuru) bwa Yesu Kristo : «Jewendi Uwamyeho, Ariho, kandi Agira Aze. Ndi uwa mbere, n'uwanyuma, Imana ishoboravyose.» Murabona, impishuro ya mbere. Yohana yaciye ahindukira kugira ngoarabe uwariko avugana na we. Imbere yavyose, yavuganye na we...

Umwamiwese, iyo ariko aravugana n'umuntu, a -a -aravuga uwo ari we, uwo ariwe wese. "Ndi naka na naka mu gihe ndiko mvugana namwe, ntimunzi. Ndi William Branham,ndi John Doe," uwo ari we wese.

Yavuze ati : «Jewe ndi uwa mbere kandi ndi uw'iherezo,uwari muzima akaba yarapfuye, kandi mpora ndi muzima ibihe bitazoshira.» Oh,bagenzi! Ubumana. Hano turamubona arangwa n'ibintu ndwi vyerekana Ubwiza bwiwe.Muri buri gihe c'ishengero A -Abegera ari muri mero y'Ubumana itandukanyen'iy'ikindi gihe, ikindi kintu kidasanzwe kiranga ubwiza bwiwe.

21 Rero, kuri uno mugoroba, aza hamwe n'urubeyarw'umuriro. Ariko aritegereza kuri Lawodikiya...nako kuri Tuwatira. Iki ni cogihe ishengero ryabiranye n'ivy'Ubukatolika hamwe n'ivy'ubupagani, cankeivy'abunikolayiti vyabiranye n'ubupagani maze bigira vyongera bivyara ishengerorya mbere, ishengero ry'idini.

Kandi Imana yavuze ko ibikorwa vy'Abanikolayiti (Vyari mu Banyefeso) hariya muri rya shengerori -rito rya Perugamo vyahindutse "inyigisho," maze ivuga ko yari "inyigisho yaBalamu." Balamu ni we yigishije Abisirayeli ngo baje hariya bashakane, maze barahezabakora ubushakanyi n'Abanyamowabu (yari umunywanyi w'ishengero ry'akazuyazi), cankeishengero risanzwe, idini rinini. Kandi turabona yuko Imana yavuze, yuko iyonyigisho y'Abanikolayiti yari…yafashe… yashize ubushobozi bwose mw'ishengeromaze ica irishira ku ruhande irigira idini, Yavuze ati : "Muravyanka, eka najewe ndavyanka." Ntahengeshanya kuvuga ati, "Ndavyanka! Ndavyanka! Ndavyanka!"Kandi aha rero vyashitse ku gasongero kavyo. Murabe ingene ishengero ryanyoshwe,hano kugeza aho hasigara utuntu duke cane, iryo ni ryo shengero turiko turigakoaka kanya.

22 Rero, igihe iyo mpishuro yaza, canke yahabwa irishengero, cari igihe aho Roma yari yubatse kuri ya mabuye maninimanini yaho,inyubako z'ivyatsi n'ibishingwe. Ariko ariko arabwira iryo shengero yuko "Akiriurubeya rw'umuriro ruraba mu gihe, kandi ko urufatiro rwiwe atari ivyatsi, ibishingwe,ariko ko rukomeye nk'umuringa wavugutiwe mw'itanure ryaka umuriro." Urufatirorurakomeye. Ivyo ndabikunda. Turazi aho duhagaze.

23 Neza:

Ndazi ibikorwa vyawe, n'urukundo rwawe,, n'ukwizerakwawe,

n'ingene ushitsa ibango ryawe, n'ukwihangana kwawe,kandi kw'ibikorwa vyawe vyo hanyuma -hanyuma biruta ivya mbere kuba vyinshi.

Neza, ishengero risan'aho ryakuweho rwose, rigasigaraari ubusa, kandi bari barahevye vya bikorane bikomeye vyo mu buryobw'impwemu, bari basigaye bubakiye ku bikorwa. Imana ntigomba ko twubakira kubikorwa.

Ico ni i -ikimenyetso cokuba idini. «Turashira inkwi UmupfasoniJones inkwi. Hanyuma dushire naka na naka, abana babo, impuzu." Kandi ivyo nivyiza cane. Ariko, ntabe ari vyo mwubakirako, ivyo ntimubikore. Mwene Data,ivyo -ivyo -ivyo ni ibikorwa vyiza; umwenegihugu mwiza, yiyubaha ivyoarabikora. Ariko ico bisaba kugira ngo ube Umukristo ni ugucishwa mu kuvukaubwa kabiri, umubatizo wa Mpwemu Yera. Neza.

Bamaze gusubira inyuma,bari basigaye birukira ibikorwa aho kwirukira urukundo n'ukwizera, kandi ivyovyaguma birushirizaho kuba nabi uko bibandanya.

24 Neza:

Ndazi ibikorwa vyawe…, ndazi ukwizera kwawe, ndazi ukwihangana kwawe, n'ibindi…

Ariko ubu rero tugira dufate umurongo wa 20, nimwumvirizeibi :

Ariko mfise ico nkugayako,

Yuk'ukundiraurya mugore Yezebeli,

Yiyita uvugishwa n'Imana, akigisha… akazimiza

abagurano banje, kugira ngo bashakane barye

ivyaterekerejwe ibigirwamana.»

Rero "umugore." Ejo kumugoroba twabonye ko umugore asobanura iki? "Ishengero." Ubu rero, turabona hanoko biswe "Abanikolayiti," "Inyigisho ya Balamu," Ubu naho rero vyahindutse"Yezebeli."

25 Rero "Yezebeli". Hamwe mworaba, ni kahise gakomeye.Namba mushaka kuvyandika, nimuhere mu 1Abami, nko…1Abami, nko mu gice ca 16.Yezebeli ntiyari umukobwa wa Aburahamu; eka ni co kimwe n'uwu mugwi hano, Romay' igipagani. Abanikolayiti wari umugwi w'Abakristo bakonje bubakiye ku migenzobari bitandukanije n'Abakristo b'ukuri, "baboneka ko batari bafise ukwizera."Kandi bagomba guhindura ishengero ngo rimere nk'ishirahamwe, nk'ivyo bafisemuri kino gihe, nk'ishirahamwe, ata Mpwemu ari muri ryo namba; "Igihec'ibitangaza cararenganye! Ivyo vyose vyari ivy'ikindi gihe! Turafiseugufatanya kw'abavukanyi." Ikigo ciza c'aba Fara-maso, Oddfellow, canke ikindi cose nk'ico covamwonk'ivyo nyene. Kandi ivyo ni vyiza cane, ariko ivyo ntibizokwigera bisubiriraukuvuka ubwa kabiri muri Yesu Kristo, agakiza k'umushaha, uku Kuri.

26 Neza, uwu Yezebeli. Rero yari mukobwa wa Aburahamu,uko ni ukuri, umwana w'umwami yasenga ibigirwamana. Muri ico gihe igihe abo munda y'ingoma, abo mu nda y'ingoma b'iwabo, bari bazwi ku kuyoboka za Bayalibimwe bibi. Se wiwe yari umuherezi w'ikigirwamana A-s-h-e-r-I (Sinzi ukomukivuga, nagikuye gusa muri kahise). Ahabu yakoresheje amayeri nk'ayaConstantino. Iryo hanga rihambaye ryahana urubibe na Isirayeli, ni co gituma...

None twabonye ko Konstantino yakoze iki ejonimugoroba? Ntiyari yarahindukiriye Imana. Yari umunyepolitike. None yarikoagerageza gukora iki? Yafashe Abakristo, igihe bamubwira yuko bazosenga... (Kandirero hariya, nimwibuke, ariko avu-… turiko tuvuga ubu ku Banikolayiti). Yaciyeavuga ko baramutse basenze, hanyuma agatsinda urwo rugamba, ko rero yociye-yociye aba Umukristo. Hari inzozi yariyarose. Aca acapisha umusaraba w'ibara ryera ku nkinzo z'abasoda biwe, muriiryo joro. Uko ni kwo hatanguye urwego rw'Abarwanira ku mafarasi ba Colombus,muri ico gihe nyene; aho niho bafatira uruhagararo rwabo. Yamara ntiyigezeakora nk'Umukristo! Kuri rumwe mu masengero y'Abanikolayiti, rwitiriwe Sofiya mweranda, yashizeko umusaraba! Nk'uko nabivuze ejo ku mugoroba, ni co kintuconyene yigeze gukora cotuma umuntu yiyumvira ko yari umunywanyi w'ishengero, nkurikijeivyo nashoboye kwegeranya nkuye mu bitabo bidondora ivya kahise; kandi n'abandibenshi biga ivyanditswe ivyo baravyemeza. Ku vy'uko yihanye agahindukiriraImana nta na kimwe tubiziko. Ariko none yari yafashe inzira iyihe? Ico yipfuzagukora, yari yihweje abenshi mubaba i Roma.

27 Ubu rero nimwitegereze neza ayo mayeri yiwe. Kandimurabe ingene Bibiliya ivyemeza, Imana, imyaka amajana n'amajana imbere yukobiba. Imana itwereka hano, ko Konstantinoyakoresheje nka ya mayeri nyene Ahabu yakoresha.

Rero, Konstantino yari yabonye ko abenshi mu bantubiwe bari abo Banikolayiti, Abakristo. Bamwe muri bo bitwa "utudumbidumbi,"bari Abapentekoti; bitwa "utudumbidumbi n'aberanda bikumbagaza," n'ibindivyose. Ariko muri bo niho haboneka ibimenyetso n'utwumiza vy'ukuri. Ariko ryashengero risanzwe ryo ryabandanyaryerekeza ku kuba idini. None yakoze iki? Kostantino yaciye akoresha amayeri.Yaciye agenda afata abagenzi biwe b'abapagani, afata n'abagenzi biwe b'Abakristo,maze aca akoraniriza hamwe amashengero, atanguza i -intuze…yinjizaivy'igipagani mu vy'Ubukristo. Ivy'Ubukristo n'ivy'igipagani vyabiranye mu gihec'ishengero rya Perugamo.

28 None, yavuze iki hano kuri ibi kuri uno mugoroba? Nkakimwe nyene Ahabu yakora. Ahabu, kugira ngo atsimbataze ubwami bwiwe, yabiriyeYezebeli, wa mugore yasenga ibigirwamana; kugira ngo atsimbataze ubwami bwiwe,kugira ngo akomere cane muri Isirayeli.

Kandi ni co amashengero ariko aragerageza gukora.Murabona ingene bariko baragerageza gukora Bibiliya, itegerezwa gusohoka mu1962? Iyo ni Bibiliya izoshimisha Abayuda, izoshimisha Abakatolika yongereishimishe n'Abaporoti. Oh, mwene Data! Ndafise agace k'ikinyamakuru kabivuga.Kuri uno mugoroba ntako nazanye, ariko ejo bundi ku mugoroba mwaranyumvisendabisoma. Ng'ivyo, murabona.

29 Oh, ivyo vyose kugira ngo igitigiri cabocongerekane! Bafata ibintu vyera vy'Imana maze bakabishwiragiza uko bigombeye,kugira ngo bongerekane maze barushirize kuba benshi. Ico nico ishengeroryakoze. Ryaremeye ko abantu baryinjiramwo bafatiye ku kuramukanya gusa, mazebagaca bagwiza gusa abahemu n'ibindi vyose, abantu batahindutse. Ariko muri waMubiri nyakuri wa Kristo, atari

idini ariko wa Mubiri utaboneka -utaboneka waKristo, mushobora kuwinjiramwo mu buryo bumwe gusa, ivyo navyo bica mu mubatizowa Mpwemu Yera. Ni ivy'ukuri! Kandi vya bimenyetso nyene vyaboneka kuri zantumwa, bizoboneka mw'Ishengero. Ni neza na neza nk'uko nyene!

30 Ntidukwiye kugiriranira umwumvikano tuvuga duti,« Neza, tuzogenda maze twifatanye n'Amakoraniro y'Imana. Tuzogendatwifatanye n'Abanyabumwe. Tuzogenda twifatanye n'ibi, n'Ababatiste, canke n'Abametodiste. » Reka twifatanye naKristo ! Tureke kwifatanya n'ivyo bintu! Kuko rimwe rimwe ryose muri ayo madini ameze neza cane, ariko ba -bafise inyigisho zabo n'ibindi vyose, kandi bigusabakubanza kuja gusaba umugenduzi mukuru ko yokwemerera kwinjira mu gihugu ciwengo uhakorere igikorane. Utigishije neza na neza nka bo baca baguhindira hanze,ntushobora kuguma kuri Bibiliya. Imana ntishobora gukora ivyo, iravyanka. Kandin'Umukristo wese yavutse ubwa kabiri na we nyene ivyo azovyanka. Abenshi muriabo bantu bari koko… baragomba kubikora , baragomba gukorera kandi baragombakugira isangira. Ariko ntimushobora kubikora; kuko boca babahindira hanze. Neza,murareka babahindire hanze, mubandanye, muronke Mpwemu Yera uko biri kose. Ukoni ukuri. Ariko, murabona, ba -bagomba kwironkera iyo -iyo mitegekere yabo. Bagomba kubajana ku buryomuronka amahera menshi.

31 Ababatiste bari bafise icivugo mu 44, « uwundimuliyoni mu 44. » None baronse iki?

Nk'uko wa muvugabutumwa ahambaye Billy Grahamyabivuze, igihe yari i Louisville, ati : « Iyo ngiye mu gisagarakanaka… » Avuga ati, « Paulo Mweranda agize igisagara ajamwo,haraboneka umwe ahindukirira Imana; agarutse umwaka ukurikira ya -yasanga babaye mirongo itatu bazanywe na wa wundiumwe; abuzukuru b'abuzukuru b'abuzukuru b'abuzukuru b'abuzukuru, bakomotse kuriuwo umwe wenyene yahindukiriye Imana. » Aca avuga ati, « Jewe iyohagize igisagara njamwo, harahaguruka ibihumbi mirongo itatu, ariko mu mwakaukurikira nsubiyeyo, ngasanga nta na mirongo itatu basigaye. » Ivyo yavuze,ya -yavuze neza, ariko sinibaza n'ubwobiri uko ko mwene Data wacu w'igiciro yari mu kuri. Yavuze ati : «Mwabavugabutumwa b'ibinebwe mwe. » Avuga ati, « Iyo ndabaha amazinayabo n'aho baba, mugaca muguma mwiyicariye mwamanitse akaguru, mazemukabandikira amakete aho kuja kuvugana nabo. »

32 Nsa -nsa n'uwamushimye kubw'ivyo. Ndakunda koumuntu aguma uko ari, hako aba indyadya; fate uruhagararo ku mugaragaro mazemugume muri ico muri! Kandi ivyo ndabikunda. Ariko nagomba kuvuga ibi nti,«Billy, ni nde yaba ari hariya kugira ngo yitwararike uwo Paulo yaba yashikanyekuri Kristo? Uko vyogenda, Billy, hamwe wohagarika gusa ivyo kubareka ngo bajegukorana mu ntoke, bagaca bahaguruka, bakavuga bati, ' Ego, ndemeye Yesunk'Umukiza wanje bwite,' ariko ukamugumiza aho kugeza apfuye kandi akabora,maze akavuka ubwa kabiri muri Mpwemu Yera, aho rero ni ho yoshingira intaheabandi bakizera. »

Mwene Data,uri…arararurumba umuriro, kandi ntimwoshobora kumuzimya! Aba ameze nk'inzu irikoirasha mu gihe c'umuyaga mwinshi, ntushobora gusa kuwuzimya. Oh, arakwiragizahose, mwene Data, uwahindukiriye Kristo vy'ukuri, ntashobora kuguma hamwe.Agira gusa… atera aja imbere. Oh, ndanezerewe cane! Oh, bagenzi ! Uwomubatizo wa Mpwemu Yera wo mu buryo bwa kera ururumbisha umushaha ! Ntushoborakuguma hamwe, umuyaga uriko uraguhuha, umuyaga mwinshi w'inkomezi uhuhutauzoguma gusa uguhuha. Ico nkora gusa ni ukwenyegeza inkwi, hanyuma nkabandanya.Egome, mushingantahe! Nta muntu n'umwe yirirwa aritaho abo Paulo yashingiyeintahe, Paulo yarabinjiza cane muri Kristo kugeza bapfuye kuri bo ubwabo, mazebakaba bazima muri Kristo, uwo na We agaca akora ibisigaye! Niivy'ukuri ! Uko niko biri.

33 Bene Data b'Ababatiste ni abantu beza cane. Ariko hiyongereyeko umuliyoni, ivyobimaze iki? Nta kindi muba mufise atari amazina umuliyoni yiyongereyeko. Neza,nimwicare hanyuma muyigenere nimba mugomba kuyongerako. Ni vyiza cane, ariko mweneData, ico dukeneye ni amazina yanditswe mu Gitabo c'Ubugingo ca wa Mwagaziw'intama, wakerewe kuva amatanguriro y'isi ashirwaho, bogejwe mu Maraso, buzuyeMpwemu Yera, ibimenyetso n'ibitangaza bibakurikira.

34 Nimurondere mu bitabo vya kahise. Nipfuza ko mwese mworonka ca gitabo citwa ZaNama nkuru z'i Nikaya maze mugasoma ivyo bintu, kugira ngo mubone ingene bamwebicwa bahorwa gushingira intahe Kristo bagumije rwa rubeya rwo kuri Pentekoti!Ndababwiye ubu, bene Data, mwebwe Babatiste, Abametodiste, ico muri cose, waMuco nyakuri kandi nyawo…si rya dini rya Pentekoti, ndiko mvuga; ariko Umuconyakuri kandi nyawo, ico ucishwamwo ca Pentekoti. Mu…Maze imisi n'imisi, nca irya n'ino ivyo bintu vya kahise,ndondera mu vyo nashoboye kuronka hose, kandi nabonye yuko ari wa muriro waPentekoti wagumye waka kuva kuri wa musi wa Pentekoti gushika n'uno musi.Egome, mushingantahe ! Ariko barawanse.

35 Bamwe baravuga bati, « Neza, rya shengero Katolika rihambaye ryarashoboyegushikama mu mipfunda. Bati rero ivyo vyerekana neza ko ari ryo Shengeronyakuri.» Ivyo ntibitangaje kuri jewe, uravye ingene ryari kumwe na Letan'ibindi vyose, ryari rishoboye kubandanya. Ariko igitangaje ni -ni iki, ni uwomugwi muto wanswe, za nkehwa, zahindiwe hanze, zigatabwa mw'ibohero, zikerezwaimisumeno. Mbega honyene bashoboye kubandanya babaho gute? Ni kubera yukoMpwemu w'Imana Nzima akorera

muri bo! Kandi amadayimoni yose y'i kuzimu ntashoborakuMunesha ! «Kur'urwo rutare nzorwubakakw'ishengero ryanje, kand'amaremboy'i kuzimu ntazorishobora.» Ico ni co kintu c'ukuri. Ico ni co cahaye Mpwemu aba bavugabutumwab'Abametodiste, n'abandi, hano. Murabona, ivyo bituma bahaguruka, bikora ikintukanaka kuri mwebwe. Ntibizigera bihusha.

36 Ahabu, ya ndyadya. Murabona, yararimbuye, maze yibwira ati : «Ese noshobora kugiraihanga rikomeye ubu, maze nkaronka iri hanga rihambaye. Nokwabira umukobwaw'uriya mugabo hariya, neza, ivyo… aho rero twoca tuba abagenzi. » Yarikoakora iki? Kugurisha ubufura bwiwe!

Muri kino gihe, iryo shengero ry'Abaporoti ririko risubira koko kw'ishengeroKatolika kugira ngo ryiyunge na ryo, ikizova muri ivyo ni nk'icabaye hariya.Ahabu yabayeho mu gihe y'aho…

Vyashitse incuro zitatu. Yari muvy'Abisirayeli bacishijwemwo vy'isaha y'igicugumu rugendo rwabo; none no ngaha hari hageze isaha y'igicugu kandi, n'ubu nyenetwongeye gushika kw'isaha y'igicugu hano kandi. Urunganwe rugira gatatu imberey'uru ; hano, na hano, na hano.

37 Ubu rero, hamwe mworaba, Ahabu yabiriye Yezebeli kugira ngo atsimbataze ingomayiwe. Ni na co nyene Konstantino yakoze. Yahagaritse ishengero rinini rihambaye,akora igicaniro kinini kigizwe n'amabuye yitwa marimari yera, aca yambikaimpuzu z'inyambarabami uwo muntu, papa, maze amuhagarika ngaho. Kandi uwomugabo yari imana igendagenda, yarashobora kuvugana na bo, kandi - kandiakakababwira ivy'ivyaha vyabo, ivyo vyarahimbara iryo shengero rya kera ry'akazuyazi,gurtyo rero abo bose baba barazimiye. Nta nkeka! Ni ivyo! Neza, ariko ivyontivyashobora guhimbara umuntu yavutse ubwa kabiri, iyo bafashe ivyo hanyumabakinjiza ibirori vy'igipagani vyo kuvuga ibisabisho. Bakoze iki ? Baribashize hasi Jupiteri bashiraho Petero. Bashize hasi Venusi, bashiraho Mariya. Vyaciyebizana -bizana ivy'igipagani mu Bakristo.

38 Igihe Ahabu yabira Yezebeli, yakoze neza na neza uko nyene. Yinjije ugusengaibigirwamana muri Isirayeli. NoneYezebeli na we yakoze iki? Yishe abavugishwa n'Imana bose yashoboye gushikira.Mbega si ivy'ukuri? Aba papa nabo bakoze nk'uko nyene. Umukristo wese w'ukuriyabagwa mu vyara, baca bamwica.

Ariko hariho inyenyeri y'ico gihe, umutama Eliya!Oh, ego, mushingantahe! We ntiyatinya, kubibabwira. Egome, mushingantahe! Yariinyenyeri y'Imana y'ico gihe. Umusi umwe yarageze aho avuga ati: "Mwami, nijewe jenyene nsigaye!"

Imana yaciye imwishura iti : "Guma gato, guma gato,guma gato Eliya." Uh-huh "Ndafise abandi ibihumbi indwi banyegejwe hirya nohino mu gihugu. Urabona? Ntuzi iyo bari. Bari hariya, mu Bafarisayo, muBasadukayo, mu Babatiste, mu Bametodiste no mu Baperesibiteriyano, ariko nzo-nzobakurayo, rindira gusa. Urabona? Ndabafiseyo hariya.Hariho… ni -ni -ni abanje, kandi ntibarapfukamira Bayali." Ariko umutama Eliyayari Ijwi ry'Imana muri ico gihe. Nta nkeka yari ikigereranyo nyezina ca ryaJwi ry'Imana ryabaye integuza y'ukuza kwa mbere kwa Kristo, kandi ni na cokigereranyo c'Ijwi mu kuza kwiwe kwa kabiri kandi, nk'uko Ivyanditwe bivuga.

39 Rero, turabona ko uwo Yezebeli, igihe yashika hariya, yagomba vy'ukuri gusenyaibicaniro vyose vy'Imana kugira ngo yubake ivyiwe bicaniro. Maze aca atumaAbisirayeli bapfukamira ikigirwamana. Ni na co nyene Konstantino yakoze igiheyatanguza ishengero Katolika. Yinjije ivy'igipagani mw'i -ishengero gikristomaze aca atuma Abakristo bapfukamira ibigirwamana. Ni ca gihe nyene c'umwijima;igihe c'umwijima ku Bisirayeli, igihe c'umwijima ca -c'ishengero. Kwikubitaimbere y'ibigirwamana. Kandi Eliya yari inyenyeri yo mu gihe ciwe.

Bituma Abisirayeli bose basenga Bayali, kandi ico ni co n'ishengero Katolikaryakoze i Tuwatira.

40 Ubu, nagomba kandi ko mwitegereza ikindi kintu gitangaje hano, nakibonye ndikondasesangura muri kahise. Yesu yavuze ko yari… uwo yiyita uwuvugishwa n'Imana. «Urya mugore Yezebeli, yiyita uwuvugishwan'Imana (yiyita ubwiwe) uwuvugishwa n'Imana. Rero, murabona, ishengeroKatolika ntiryemerera abayoboke baryo ko basoma Bibiliya, kuko bavuga ko patiriari we wenyene ashobora kumenya ico Imana yashatse kuvuga mw'Ijambo.

Neza, iyo niyo nsobanuro y'ukuri y'umuvugishwa. Umuvugishwa aba afiseinsobanuro ya Kimana y'Ijambo ry'Imana. Uko ni ukuri. Ni gute bovuga ko umuntu,umuntu kanaka, ari "umuvugishwa" hanyuma bagahindukira bakavuga ko "afiseimpishuro y'ibinyoma?" Bimeze co kimwe nk'ibi vy'ukuvuga ngo "Umwana ahoraho",murabona? Murabona, ni -ni intuze…Umuvugishwa bisobanura " uwusobanura neza,uwo Ijambo ry'Umwami rizako, impishuro iza kuri we." Ijambo umuvugishwa risigura «uwusobanukirwaneza Ijambo ry'Imana». Yesu yavuze ati, "Muri mwebwe nihaba hariho uw'impwemucanke uwuvugishwa, jewe Uhoraho nzovugana na we. Kandi ivyo yavuze nivyashika,ico gihe muze mumwumvire, kuko nzoba ndi kumwe na we. Ariko nibitashika, ahorero ntimuze mumwumvire." Nta bindi! Ryari I -ryari Ijambo rivuye ku Mana,kandi Ijambo ry'Uhoraho ryaza ku bavugishwa.

41 Rero, bavuga yuko iri shengero ryari "umuvugishwakazi."Rero mwibuke, harabaye impinduka biva

kubaAbanikolayiti, birahinduka biba "we." Murabibona? Umu "Yezebeli." Rero, ejo kumugoroba, zari "inyigisho za Balamu." Murabona, "inyigisho z'Abanikolayiti" n'"inyigisho za Balamu."

Rero, Balamu ni we yatumye Isirayeli icika Maraya. None A -A -Abanikolayiti bakoze iki? Batanguje idini. Ivyo bintu bibirimubishize hamwe, bica bihinduka umugore,« ishengero». Nta nkeka! Ivyahishuriwe Yohana 17 : «... maraya w'agahebuzayicaye kw'iteraniro ry'amazi menshi.» Umugore, maraya. We ni iki, canke ni maraya gute? Mu gukora ubushakanyi, ubushakanyibwo mu buryo bw'impwemu, Ijambo barisobanurira abantu ukutari ko. Nimujekure y 'ako kaguma !Ako ni akagumanyako. Ni ukuri.

42 Ubu rero, murabona, weyiyita umuvugishwakazi. "Ni twebwe abanyakuri! Turi abagize Inama nkuru! Nitwebwe tugize Inama nkuru ya Lawodikiya kandi, Inama nkuru y'abagabo, kanditwafashe ingingo y'ibi, n'ibi na biriya. Kubw'ivyo nimutwumvirize! » Ariko…

Wa -wa mupatiri akiri muto aba aha hafi yajekumbaza ku vyerekeye Elisabeth Frazier, canke wa mwigeme Frazier. Yambwiye ati,« Ka -karidinari yagomba kumenya yukouzo…canke nako musenyeri, ko woba warabatije urya mwigeme Frazier. » Avugaati, « Agiye kuba Umukatolika.».

Naciye mvuga nti : «Ego, ni ko navyumvise.»

Avuga ati : «Wa-waramubatije ?»

Nanje nti : «Ego,mushingantahe»

Na we ati : «Wamubatijegute?»

Nca nishura nti : «Umubatizo wa Rukristo.» Uh-huh.

Aca avuga ati: «Aho ushatsekuvuga iki?»

Nca nishura nti, «Umubatizowa Rukristo, nk'uko Bibiliya iwuvuga. Hari uburyo bumwe bwonyene bwo kubatizwaumubatizo wa Rukristo. Bose muri Bibiliya baribizwa mu mazi mw'Izina rya YesuKristo.»

43 Yaciye yandika, atangura kwandika nk'uko. Acaaravuga ati : «Urazi, ishengero Katolika uko ni kwo ryakora kera.»

Naramubajije nti : «Ryari?" Mvuga nti, " Ndafiseibitabo vyose nashoboye kuronka vyerekeye inkuru za kera za kahise, ivyavuye iLondres n'ahandi hose.» Kwari ukugira nshobore kuvyigako nitegurira iki gihecegereje, aho hari ikintu kigiye kuba. Hmm. Nca mvuga nti : «Na -nagombakumenya aho ari ho.» Noca ngenda…

Acaavuga ati : « Oh, » avuga ati, «Muri Bibiliya.»

Mvuga nti: «Ushaka kuvuga ko...?»

Ambwira ati : «Yesu niweyashinze ishengero Katolika.»

Nca mvuga nti : «Ni ukuvugarero ko Petero yari we papa wa mbere?»

Aca aranyishura ati :«Urabitoye.»

Naciye ndamwishura i nti : "Nari nzi ko ishengero ritihendakandi ridanduka, kandi ko imisa yose yasomwa mu Kilatini kugira ngo ntihagireigihinduka.'"

Arambariraati : "Uko ni ukuri. »

Ncandamubwira nti : «Ubwo rero, kuva ico gihe nta nkeka ko mwahinduye ibintu bimwebimwe. » Mvuga nti, « Namba iyi Bibiliya ari igitabo ca Katolika,aho rero ndi Umukatolika wo mu buryo bwa kera.» Murabona? Ni ivy'ukuri! Ncamvuga nti : «aho rero ndi Umukatolika wo mu buryo bwa kera.» Nongera mvuganti, « Ivyo bifise koko… »

44 Yaciyeambwira ati : «Neza, ubu rero, urabona, Bibiliya ni inkuru gusa za kahisek'ishengero Katolika. » Avuga ati : « Imana iri mw'ishengeroryayo.»

Ncandishura nti : «Imana iri mw'Ijambo ryayo.» Uko ni ukuri.

«Ijambo ryanje rimenyekane ko ari iry'ukuri, ariko iry'umuntu ryose na ryoriboneke ko ari ikinyoma.» Kandi iki Gitabo c'Ivyahishuriwe Yohana (reka ndabisubiremwo)ni co Gitabo conyene Yesu yishiriyeko igikumu c'Izina ryiwe. Kandi ikintu cambere yakoze, kwabaye uguhishura Ubumana bwiwe, kandi mu kubuhishura ntacoyasigaje. Yavuze ati : «Uwuzogira ico arigabanyako canke akaryongerako ikintuico ari co cose, nawe azokurwa (umugabane wiwe) uzokurwa muri ca Gitaboc'Ubugingo. Hahirwa uwusoma, canke uwumva. Kandi aravumwe uwuzoryongerako cankeakarigabanyako ico ari co cose.» Ni uko! Murabona aho ikintu co gutinya kizanana. Ntihakagire icomwongera kuri Ryo; nimurireke uko riri, maze

mukomeze muja imbere.

45 Mpwemu azoribahishurira nimwaca bugufi, mumusabe. Murabona? Ni ivy'ukuri. Rero,kubw'ivyo ntibigoye. Imana…Yesu yarashimiye Data kukuba… avuga ati :«Ndaguhimbaza Data kukw'ivyo wabihishije ba rabbi, na ba musenyeri, na ba karidinari,n'abagenduzi bakuru, maze -maze ukabihishurira inzoya zigomba kwigishwa.»Murabona ?

Ico nico mukeneye. Ni impishuro iva y'Imana ishobora kuza gusa nka kumwe yavugahariya ati : «Abantu bavuga ko ndi nde? »

Yavuze ati: "Uri Kristo, Umwana w'Imana Nzima."

Yesu aca amubwira ati : « Simoni, ivyontiwavyigishirijwe mw'iseminari. Murabona? Nta muntu n'umwe yigeze abikubwira. Iyoni impishuro ivuye mw'Ijuru. Kandi kuri urwo rutare, nzorwubakako Ishengeroryanje, kandi amarembo y'i kuzimu ntazorishobora.»

Iyo niyo mpishuro nyene Abeli yaronsekw'Itanguriro. Ni impishuro; yari yo kiriya gihe, iracari impishuro, kandiizokwama ari impishuro. Ni ivy'ukuri!

46 Rero, Ngaha turabona ko yari umugore kandi koumugore, kandi umugore ni ikigereranyoc' « ishengero. » (Mbega si ivy'ukuri? Kristo aza gutora nde? Umugeni,umugore, inkumi itaramenyana n'umugabo.) Kandi uwu mugore w'umukamakare hano,yiyita ko ari we Shengero ry'Imana; ariko, ico yari ari, yari yisakaye ubutunzin'utubuyenge n'ibindi vyose, kandi yari afise igikombe c'ibihumanyavy'ubusambanyi bwiwe, kandi yaboreje abami bo mw'isi iyo vino y'ubusambanyibwiwe. Mbega si ivy'ukuri?

Ngaha, turamubona hano ko yitwa "Yezebeli." KandiYezebeli, ibibi Yezebeli yakoze, amaze kuronka ububasha ku Bisirayeli, yarabishe yongera akora ivyoashoboye vyose, maze -maze yiyubakiraibicaniro vyiwe bwite. Mbega si ivy'ukuri? Ni na vyo nyene ishengero Katolikaryakoze. Uko ni ukuri.

47 Ariko ubu reka dusome imbere gato. Ivyo biraja kubumiza.Rimwe na rimwe, iyo mwumiwe, bituma murushirizaho gufungura.

...urya mugore Yezebeli? Yiyita uvugishwan'Imana (avuga ngo : ni jewe jenyene nsobanura Ijambo); akigisha

akazimiza abagurano banje kugira ngo bashakane,… baryeivyaterekerejwe ibigirwamana.

Wa mwene Data yabaza kuvyerekeye "ya nzoka," ku bijanye no "kurya ca camwa mw'itongo rya Edeni." Murabona ivyo ari vyo (Siko?) iyohavuzwe «kurya» hano? Ico vyari biri, hari mu buryo bw'impwemu, murabona. Kandi intuze...kandi…

Kandi namuhaye uburyo bwo kwihana ntiyakunda kwihanangw'areke ubushakanyi -ubushakanyi bwiwe.

Ehe ndamutsinda ku buriri... (Uburiri nyabaki? Ni ubw'ivy'isi. Uko niko neza naneza ari uyu musi.) ndarungikiraabasambana na we amarushwa menshi, ni batihana ibikorwa vyiwe.(Bazoca muri waMubabaro Mwinshi.)

Kandi… n'abana biwe nzobicisha urupfu...

48 Woo! Abaki biwe? Uwo mukamakare arafise abana! Uburero mu Vyahishuriwe Yohana 17. Ni bangahe muri mwebwe…? Mwese mwari hano ejoku mugoroba, ndibaza. Ni vyiza cane. Ivyahishuriwe Yohana 17, uyo maraya wakera, ishengero Katolika, ryiswe «maraya,» kandi ryari «nyina w'abamaraya».Ntibari gushobora kuba abana b'abahungu, yari amashengero.

Ubu none ishengero ry'Abaluteri, n'ayo mashengeroyose yavuye he? Buri dini ryose ryavuye he? Intango y'ivyo vyose ni iyihe, Lawodikiya?Abanikolayiti bahavuye bashika muri ivyo, kandi na n'ubu ni co kimwe. Nta comushobora kubihinduramwo, bene Data. Oh, Eliya yarabirwanije mu gihe ciwe.Yohana yarabirwanije mu gihe ciwe. Ego, mushingantahe! Mwoye kwibwira muti :«Dufise Aburahamu ni we sogokuruza: kuko aya mabuye Imana irashoborakuyavyuramwo abana ba Aburahamu.» Murabona? Nta co umuntu ashobora gukora ngoabihagarike.

49 Nuko rero, yari afise abana. Mbega umwe Yezebelinyezina yari afise abana? Ego, mushingantahe! Nimwumvirize ibi:

... abana biwenzobicisha...

Iki? Ishengero Katolika, abana baryo ni amadiniy'Abaporoti. Murabona, ni ivyo, kuko bakora co kimwe. Babatizwa muri ryo biciyemu mubatizo w'ikinyoma, umubatizo udahuje n'Ivyanditswe; gukorana mu ntoke mugishingo ca Mpwemu Yera; «Data, Mwana na Mpwemu Yera; » mu gishingo ca «YesuKristo». Ibintu vyose bakabikora mu buryo bunyuranye na Bibiliya. Kandi vyamabiri uko ! Kandi binjiye ubudakebuka muri

vyo.

50 Umukobwa wiwe yitwa Ataliya, A-t-a-l-i-y-a.Yamugize…We, Yezebeli, yashingiye Ataliya Yoramu, umuhungu w'umwami w'i Buyuda,maze bidatevye ibicaniro vya Bayali vyari bihagaze i Yerusalemu. Ivyontibikenera ko murinda gusoma ibitabo vya kahise, biri muri Bibiliya. Murabona?Umukobwa wiwe, Ataliya, yabiriwe n'umuhungu wa Yehoshafati, ari we Yoramu.Kandi abakobwa biwe bakora nk'ivyo na we yakora.

Oh, bagenzi! Ivyo bintu ntimushobora kubibona? Murabonaingene ayo madini yakoze, ga bene Data? Baciye basubira ubutarariye kuri vyobiciye kuri Luteri n'abo bandi, neza na neza, baca bagira amadini aho kurekaMpwemu Yera. Kandi Abapentekoti nabobakoze nk'ivyo nyene. Ntibashoboye kureka gusa Mpwemu Yera ngo abandanye akorauko agomba, maze abandanye; kandi buri muco uje, bisuzumishe Ijambo, hanyumamubandanye. Ntibashobora kureka Mpwemu Yera ngo arongore, ariko baruhutsebakoze idini batako banka ibindi vyoose vyashobora kuza. Baciye basubira inyumamaze baca bongera kwabirana na vyo! Koko. Nitwagera kuri kirya gihe, muzobonaibibarindiriye kw'iherezo ry'urugendo ivyo ari vyo. Murabona? Baciye bongerakwabirana na vyo! Yesu ngaha aravuga ati : «We…Uwo Yezebeli, yiyita uwuvugishwan'Imana, ariko ngira ndamutsinde ku buriri bw'ivy'isi, kandi n'abana biwe na bonzobica» (N'ubwoko ki…?) «Nzobicishaurupfu.»

51 Ni iki…Abana biwe bazokwicishwa urupfu nyabaki?Murabona ko bamaze gupfa! Barapfuye mu buryo bw'impwemu! Nta mpishurobafise ! Barazi idini ryabo, barazi katekisimu yabo, barazi inyigishoz'ishengero ryabo; ariko ku vy'ukumenya Imana, bamwe muri bo nta vyinshibayiziko, kurya nyene umunyagihugu w'Umuhotanto ata vyinshi azi ku bitangaza vyo muriEgiputa; ni ivy'ukuri, ku bijanye no kumenya Mpwemu Yera. Baratangara, bavyita…bagomba kwita Mpwemu w'Imana"uburaguzi," canke "umurwanizi," wa… bivanye no kurobanura impwemu, n'ibindink'ivyo, no gusenda abadayimoni. -«Oh, si uwo mw'idini ryacu! Uriya mugwi, oh,brrr...» Murabona, nta na kimwe bazi. Baca babitazira i -izina nk'iri ngo:«Yesu Wenyene»; canke ikintu nka «aberanda bikumbagaza» canke -canke ikintukanaka kimeze nk'uko. Nta vyo bazi gusa.

52 Kandi igihe kiri haficane aho ivyo bizoshirwa ku mugaragaro. Ni ivy'ukuri. Nk'uko atawokekeranya kompagaze aha havugirwa Ubutumwa, ni na ko ntakekeranya ko Imana izobikora, kukoizosohora abana bayo bwangu nk'uko mpagaze hano. Imana mw'Ijuru ivyo irabizi.Nimba munyizera nk'umuvugishwa w'Umwami, umusavyi w'Umwami, nimunyumvirize. Igihekiri hafi. Ego, mushingantahe.

53 «Abana biwe nzobicisha urupfu rwo mu buryobw'impwemu». Nimubarabe : barakonje kandi bagendera mu migenzo gusa. Nimurabeintuze…nimurabe intuze yacu…Ntidukwiye kwiririwa turavuga ku Babatisten'Abaperesibiteriyano, turazi ko haheze imyaka myinshi barapfuye. Ni iki…

Igihe Luteri yaronka ikanguro ryiwe, ugutsindanishirizwa,iyo aba yara…iyo abandanya, iri -iri kanguro rihambaye rya Pentekoti riba ariishengero ry'Abaluteri. Umuco wari kuza uciye ku kwezwa, iyo Wesley agumaakurikira. We… Luteri ntiyashobora kuwukurikira. Oyaye, mushingantahe, baribamaze kuba Abaluteri.

54 Hanyuma haje Wesley.Wesley amaze gupfa, habaye iki? Baciye babigira idini maze bashiraho Metodiste yegukiraWesley, Abametodiste b'inkomoko-…oh, ubwoko bwose bw'Abametodiste. Murabona? Kandi igihe… Bari baronse ikanguro rikomeye, ariko igihe bisuka mw'idini; vyagenzegute igihe Abapentekote baza bafise ukuvuga mu ndimi n'ukugarukanwakw'ingabire? Ntibashoboye kubikurikira, ariko bavyise ko ari ivy'umurwanizi.

Ubu rero Pentekoteryakoze iki? Bakoze co kimwe na bo. None ubu bageze mu biki? Barapfuye baruma.Ego, mushingantahe! Uko ni ukuri. «Abana biwe ndabatsinda ku buriri bwa -kuburiri bw'urupfu, kandi nzobica.» Neza, Reka -reka ndabibasomere kugira ngomushobore kubibona hano, ndibaza ko ari umurongo wa 22 :

Ehe ndamutsinda ku buriri, ndarungikira

abasambana nawe amarushwa menshi (wa -waMubabaro Mwinshi)…

55 Ni vyo biriko birashika.Ubu rero mwibuke, reka mpagarare hano gato; muri uwo Mubabaro Mwinshi niho -niho bazotabwa, abo bantu bagereranywana za nkumi zisinziriye, zimwe zitagira amavuta mu matara yazo; yamara zarimw'idini, abantu beza, bahora baja gusenga, n'ibindi; baje kurondera amavuta,ariko igihe kiba camaze kurenga. Murabona, kumuterera muri wa Mubabaro Mwinshi,azoja muri wo, ishengero Katolika niyo rija, n'abana baryo bose bazojananaryo, muri wa Mubabaro Mwinshi.

…Shiti bihanye ibikorwa vyabo.

Si -si abanabariyo, ahubwo ni ishengero ubwaryo, ni bo banabiwe (ni amadini,) si abantubariyo, nka barya Bakatolika, Ababatiste, Abaperesipiteriyano, cankeAbapentekoti. Ndabumvira akagongwe. Neza gusa, « Neza, jewe… »

«Mbega uri umukristo?»

«Neza, ndi Umuperesibiteriyano.» Oh!

Ivyo nta na kimwe bisa bisana nk'uko wovuga yuko« ingurube washizeko amatandiko vyoca biyihindura ifarasi ija mu mahiganwayo gusiganwa. » Ni iki mwoshobora gukora kubw' ivyo? Nta na kimwe na mba. Ivyosindabivuze ari ugutebura, ni…si… aha si ahantu ho guteburira, ubu ni -ubu niUbutumwa bwiza. Murabona? Nagomvye gusa kubaha ikigereranyo. Ni ivy'ukuri.Murabona, ariko uko -uko ni ukuri. Murabona,ivyo nta na kimwe -nta na kimwe bisigura, nta co bisa bisana.

«NdiUmupentekoti.»

Ivyo nta na kimwe bisa bisana. Urashobora kuba urimu madini atagira igitigiri yabo, ariko none mbega uri umwana w'Imana yavutseubwa kabiri? Mbega urakunda koko umuntu wese n'umutima wawe wose, n'ubugingobwawe bwose, kandi urakunda Imana, kandi mu buzima bwawe bwa misi yose… n'ahoabantu bagukorera ivyo ari vyo vyose? Nimba uhaguruka ukavuga uti,« Humm !‟ nka wa musumeno w'umuzingi, ivyo vyerekana gusa ko MpwemuYera yigiriye, namba warigeze unamuronka.

Nimurabe:

56 ...nibatihana ibikorwa vyabo.

Kandi n'abana biwe nzobicisha urupfu...

«Abana biwe», abaYezebeli. None rero, Yezebeli yakoze iki? Yashingiye umukobwa wiwe mu rundiruhande (rw'i Buyuda) hariya, hariya i Buyuda. Ubu rero nimurabe ico ivyo bisiguramu buryo bw'impwemu. Kumbure ko nja gushobora kubishushanya. Hano, nimwitegereze neza.

Ng'uyu Yezebeli, na Isirayeli. Ariko hano ni iBuyuda, urundi ruhande hano, ku wundi muntu; uwu ni Yehoshafati hano. Neza cane. Ubu rero, ngaha uwu yari Ahabu, ng'uwu rero Yezebelihano nyene. Rero yaraje hano aca atumaAbisirayeli bose basenga ibigirwamana.

Ninavyo nyene ishengero Katolika ryakozerigitangura mu misi yaryo igihe Konstantino yahuza Abanikolayiti (abakonjebagendera ku migenzo hano) mu - na -n'ishengero hamwe n'ivy'ubupagani, mazeashiraho ishusho y'igipagani y'Ivyagikristo. Sinagomba kubababaza, mwebwe Bakatolika,ariko nzobibazwa imbere y'Imana. Ico nico ishengero Katolika riri gusa, niishusho y'igipagani y'Ivyarukristo: ingendo yo kwemera ibintazi,n'ibigirwamana, n'ibindi vyose. Uko ni ukuri, ishusho y'igipagani gusa. Rero,uko ni ukuri. Hamwe noba ndiko ndacikana aka kanya, uko ni ukuri. Kandin'Abaporoti bari muri ivyo nyene, neza na neza mu wundi muce.

57 Ubu rero nimurabe ivyo Yezebeli yakoze. Rero,murabona, u -umurwanizi…Yari yaritanze cane ku buryo n'abakobwa biweyabibakwegeyemwo. Yari afise umwana w'umukobwa yavukiye aha maze uwo mukobwa aca aja hariya,kuri uyu mugabo mweranda ahambaye kugira yabirane n'umuhungu wiwe; aca azanavya bindi nyene hano bivuye kuriYehoshafati, hano muri uru ruhande.

Rero, Abanikolayiti nyabo, Abanikolayiti, abakonjekandi bo kw'ishusho gusa bagomba iryo dini, binjiyeyo biciye mu kwabirana hano. Nimubone ko ari ikintu kimwe. BafasheYezebeli ngaha (ishengero Katolika), hanyumahano afata umukobwa wiwe (amadiniyiwe) kugira amubashingire hariya, aba abakoreye nka vya bindi nyene. «Abanabiwe, nzobicisha urupfu,» urupfu rwo mu buryo bw'impwemu. Mu kugira idini babababagana mu rupfu, kandi igikurikira murakizi, Mpwemu Yera aca abivamwo rwose.

58 Nimumbwire. Reka ndababaze ikibazo kimwe, umuntuuwo ari we wese yize ivya Kahise hano, kandi ndazi yuko ngaha hari abashikabatanu canke batandatu mwicaye hano. Ngomba yuko muza mukanyereka ahantu ho muVyanditswe na hamwe canke -canke ivyanditswe mu gitabo ca -c'akahise, vyerekanayuko hari na rimwe muri aya mashengero, amaze kugwa akongera kuba idini, ryoba ryarongeyeguhaguruka rikagira ikanguro. Bamaze kwigira idini, mbega bobo barigeze kongerakugira ikanguro inyuma yo kuba idini? Oya, mushingantahe! Mpwemu yaca abavamwo.Kandi aho ndashiramwo na Pentekoti.

Ca gihe Imigisha ya Pentekoti yururuka, maze mwesemukavuga mu ndimi, mwebwe ba kera, mufiseImigisha myiza cane ya Pentekoti bo n'ivyo bintu vyose, bikamanuka. Haciyeigihe gito, mwaragize ico mwise Inama Nkuru Rukokoma. Intunganyo ni nziza,ariko atari idini. Ikintu ca mbere murazi, ntimwashobora kuvyihanganira, vyabayengombwa ko musubira inyuma mucika «abana ba… Satani» maze mugira idini.

59 Hanyuma haje uwundi Muco, werekeye Izina rya Yesu Kristo.Ni ho rero baciye bavyishimira barabwirana bati : «Imana ishimwe, nimwabamudafise Izina rya Yesu, muzoja i kuzimu. Twebwe, turarifise, ariko mweho, ntaryo mufise.» Baca bakora iki? Baca bapfira aho nyene. Ivyo baca babigira idini.Murabona? Aho kureka gusa Umuco ugakwira mw'Ishengero, wari guca ufata ubwonyene ikibanza cawo. Ariko mwaciye mugira idini. Ni ibiki? Umwana wa Yezebeli.Kandi bose hamwe barapfuye.

Ubu rero ngira ndababaze ikintu kimwe. MbegaAmakoraniro y'Imana, canke Abanyabumwe, canke -canke abandi bose basigaye boba barahagurukiye rimwe mw'ikangurorihambaye ryunze ubumwe? Eka na mba! Iri kanguro rya nyuma riheruka, aho MpwemuYera yamanuka hariya ku ruzi mu (benshi muri mwebwe mwicaye hano aka kanya) mu1933, kandi iyo ni yo yabaye intango ya vya bikorane bihambaye vyo gusengeraabarwaye, yavuze ati : «Ivyo bizokwiragira mw'isi yose.» Ariko ivyo ntivyigezebizanana mw'idini na rimwe na mba. Imana yararetse ivyo birere vyose, maze ihagurutsahafi abapagani, kugira itanguze iryo kanguro. Kandi nimurabe ico ivyovyavuyemwo! Murabona?

Ayo madini, akimara kwitunganya, aca apfa. Yavuzeati : «Abana biwe nzobicisha urupfu.» Oh, bagenzi! Ndazi yuko mu…Ntimunshavurire, ndabasavye, ariko jewe…Ndamutse Ibi ndabizi mazesindabibabwire, noba ndi indyadya imwe mbi ibaho, kandi Imana yobimbaza. Ngombakuba nka Paulo, yavuga ati «mbabwiraivy'Imana yagabiye vyose ntaciye ku ruhande.» Ni ivy'ukuri. Neza cane. Nezacane.

60 Rero, barubatse ibicaniro i Yerusalemu! Ubu rerongomba kubona…Kandi igihe Yezebeli yabirana na Ahabu; yaciye azana ibishushanyoivyo Abisirayeli bategerezwa kwikubita imbere. Gurtyo nyene ni ko inyigisho y'Ikinikolayitiyakoze, mu kwabirana n'ivy'igipagani, bakuyeho Jupiteri bahashira Petero; naVenusi, bagisubiriza Mariya; kandi nk'uko Bibiliya ibivuga : «yatumyeAbisirayeli bose bacumura».

Uko niko n'ishengero Katolika ryatumye abakobwabaryo bose babirana n'idini, kandi ivyo bintu vyose bikaba ari icaha,, nk'ukoYezebeli yabikoze ku mukobwa wiwe.Neza cane. Kandi mu gukora ivyo, igihehashirwaho inzego, maze Papa Bonifasi -Bonifaasi wagatatu akaja ku ngoma yiwe, bari baronse i -imana iri ku ntebe y'inganji, ntibaribagikeneye umubatizo wa Mpwemu Yera mw'ishengero. Ni ivy'ukuri. Baribafise za nemera zabo bo n'imigenzo yabobakurikiza, hanyuma barakomeza.

61 Kandi igihe idini ryemera iyo mitegekere nyene ryabarihagaritse umwidegemvyo wa Mpwemu Yera mw'ishengero, baba Ababatiste,abaperesibiteriyano, Abametodiste, n'abandi. Ivyo ni vyo bakoze koko !Kandi buhoro buhoro, turababona bakabirana hanyuma bagapfa, nk'uko Yesu yari yabivuzekuri rwa ruzabibu. Rero ibijanye na Mpwemu Yera vyose mu bimenyetso n'utwumiza vyaciyebifatwa nk'aho vyo mu gihe carenganye. Kandi baratunze, nka nyina wabo. Uko niko rero ryatumye abari mw'isi bose bacumura; kuko ryaragiye mu mahanga yose,ryo n'abakobwa baryo. Ni ivy'ukuri.

Ubu rero, nimwitegereze ingene Umwami aryita mukindi gihe c'ishengero. Nimurabe ingene aryita. Murabe ingene ngaha ivugiraamasigarira yayo kugira ngo iyasohore «kubwo Abatoranijwe,» bake cane, atariuko nta wufise umubiri n'umwe yokize iyo...atari abandi.

62 Nk'uko vyanditswe mu Vyahishuriwe Yohana 13 : 6. Muragombayuko tubifatatu akanya gato? Aho yavuze ko A…Yuko «uwo mugore yatumye bosebashirwako ikimenyetso (ni vyo ico gikoko cakoze), yatumye bose bashirwakoikimenyetso (bose aboroshe, abahambaye, abo ari bo bose), ikimenyetso ca cagikoko», ari ryo shengero Katolika ry'i Roma.

Canke ivyo canke bakozeigishushanyo…Ivyahishuriwe Yohana 13 : 14, bakoze igishushanyo ca ca gikoko. Mu-mu…Ndibaza yuko mwese muriko murabisoma. Canke naho, reka, dusubireyo ubunyene maze tubisome. Ivyahishuriwe Yohana13 : 14 :

Kizimirisha ababa kw'isi ibimenyetso cahawe gukoreramu maso ya ca gikoko (ni bwa bumwebw'amashengero), kibarira ababa kw'isigukora igishushanyo ca ca gikoko cari n'uruguma rw'inkota (ubupagani)… kigahava kikabaho… (biciye muvy'ubupapa, Roma y'igipagani yacitse Roma y'igipapa. Murabona?)

63 «Gukora igishushanyo caco»! Ivyo bisigura iki?Bisigura neza na neza ivyo nyene bariko barakora ubu, uko nyene neza, mu kwinjira muri rya Shirahamwempuzamashengero. "Amashengero yose ari muri iryo shirahamwe, yose yinjira mumugwi umwe." Ubu bariko barakora Bibiliya. Kandi papa Yohana yarabasavye boseko bogaruka. Musenyeri mukuru w'i Canterbury, bose bariko barajayo. Kandimurazi, ayo mashengero yose ariko agaruka kwa nyina wayo, kuko na yo nyene ari ba maraya. Murabona? Bavuga ngo :«Tugiye kuja hamwe twese maze tugire urunani kugira turwanye Ubukomunista.»Ntibamenye yuko Imana ariyo yahagurukije Ubukomunista (ivyo ndashoborakuvyemeza nkoresheje iyi Bibiliya) ikabibashira mu vyiyumviro kugira ngo buhoreamaraso y'abera, basheshe kuri ino si. Imana yahagurukije Ubukomunista neza naneza nka kumwe nyene yahagurutsa Nebukadineza kugira ngo -kugira ngo ahane Abisirayeli. Yahagurukije Ubukomunista,kandi umusi umwe, buzozimanganya Roma kw'ikarata mu kanya isase. [Agacekatavuga kuri bande - Umw.] Uko ni ukurikwuzuye. Imana niko yavuze. Ni ukuri.

Sinemera Ubukomunista; burarwanya Imana. Koko nikoburi. Ariko ntimusamazwe cane n'ico Gihuzu c'Icuma, ariko ahubwo nimurabe icogihuzu c'umutuku. Murasoma ca Gitabo c'Abamaratiri ca Foxe muzoca mubibona, ukoni ukuri.

64 Ubu rero reka tubone aho tu…Hanyuma rero murabona hanoko catumye yuko bose, (abatunzi n'abakene) bashirwako ikimenyetso; ariko harihoumugwi umwe kitashobora gukorako. Ivyo mwari mubizi? Ivyahishuriwe Yohana 13…8.

Nimwumvirize ibi. Reka nsome ibi:

Mpagarara ku musenyi wok u kiyaga, mbona igikokociburuka kiva mu kiyaga, gifise imitwe ndwi n'amahembe cumi…ku mahembe yaco…harih'imigara, no ku mitweyaco harih'amazina y'amarogotano... (iyo ni ya misozi ndwi; ivyo vyosetwarabibonye ejo ku mugoroba, murabizi)

Ico gikoko nabonye casa n'ingw…, amajanja yacoyar'ameze nka -nk'ay'idubu, akanwa kaco… kari kameze nk'ak'intambge. Ca gisato( ari co ca gisato casa n'ikibengebenge cari gihagazeimbere ya wa mugore kugira ngo kirotse umwana wiwe, ikaba yari Roma, tweseturabizi.)... kigiha… ububasha bgaco, nokuja ku ngoma yaco, n'ubutware buhambaye.

Muri ya mitwe yaco mbonamw'umwe usa n'ukomeretseakagirire: ...» (ivy'igipagani,murabona) ... uruguma rwocisherurakira... (ivy'ubupapa birafata ikibanza, vyifatanya n'ivy'Ubukristo,hamwe n'ivy'Ubunikolayiti) isi yoseikurikira ico gikoko bagitangarira.»

Katolika yarakwiragiye mu mahanga yose ari munsiy'ijuru. Ni ivy'ukuri. Ni nk'uko Daniyeli yabivuze ku vyerekeye ivyuma bivanzen'ibumba, n'ibindi.

Nagomba kubabwira akantu kamwe ku vyerekeye ivyo, cakivange c' « ivyuma n'ibumba. »

65 Mwarabonye, canke noba mazekubibabwira, muri rya koraniro rikomeye bagirira hano hamwe Khruchtchev yakuraikirato ciwe maze akagikubita ku meza? Hariho ibihugu bitanu vyo mu buserukobikoraniyeho; hakabaho n'ibihugu bitanu vyo mu burengero. Khruchtchev yariarongoye ibihugu vyo mu buseruko, Eisenhower na we yari arongoye ibihugu vyo muburengero ; ni bo bakuru babiri nyamukuru, ya mano abiri makurumakuru :Khruchtchev, mu Kirusiya, risigura «ibumba». Eisenhower, muri Ameri-…mu Congereza,risigura «icuma». Turgeze kw'iherezo.

Batazira ico gisato bagisenga, kuko cahaye ico gikokoububasha bgaco; (ni bwobutumwa bwacu bukurikira hano mw'ihema, muratahura)...batazira na kino gikoko bagisenga, bati : ni nde ahwanye n'iki gikoko,kandi ni nde ashobora kukirwanya?

Mu yindi mvugo, nimurabe hano. Eisenhower niumuntu a -ahambaye ngaha muri Leta Zunze Ubumwe za Amerika, ariko i Roma nta coamaze; mu Burusiya, nta co amaze. Kruchtchev ni umuntu ahambaye mu Burusiya,ariko muri Leta Zunze Ubumwe za Amerika nta co amaze. Ariko hariho umugabo umweahambaye aho ari hose, ni uwo papa. (Ni ivy'ukuri.) «Reka twese tuje hamwe, maze tugire idini!»

66 «Gihabwa akanwakavuga ibihambaye… n'ivyo kurogota… gihabga n'ubushobozi bwo gushishikara amezimirongo ine n'abiri.

Giteranura akanwa kaco kirogota ku Mana... (bigisha inyigisho z'amategeko y'abantu gusa, bariinkazi, bibona, kandi bakunda ibibanezera, bafise ishusho y'ukwubaha Imana,ariko bahakana ubushobozi bwakwo.»)... kirogotano kw'izina ryayo... (Bafata "Data, Mwana na Mpwemu Yera mu gishingoc'Umwami Yesu Kristo" Murabona?) no kw'ihema ryayo, no ku baba mu… mu -mw'ijuru.

Gihabga kurwanya abera... (aha rero haza uruhamo)...no kubanesha, kandi gihabga gutwara imiryango yose n'amoko yosen'indimi zose n'amahanga yose.

Kand'ababa kw'isi bose bazogisenga, umuntu weseatanditswe izina mu gitabo c'Ubugingo c'Umwagazi wIntama yatanzwekw'ikimaziuhereye ku kuremwa kw'isi.» (Oh, oh,oh, oh, oh, oh, oh.)

«Uhereye ku kuremwakw'isi». Amazina yacu, ni yaba yarigeze kwandikwa mu Gitabo, yanditswe icogihe. Yesu yavuze ati : «Nta wuza kuri jewe Data atabanje kumukwegerera, kandiabo Data yampaye bose bazoza kuri jewe. Intama zanje zumva ijwi ryanje.» (Izoni zo mfungurwa, murabona.) « Kandi uwundi muntu… »

Rero umuntu arashobora kuvuga ati : «Neza, ndiumunywanyi w'ishengero, nta ngeso nziza mundusha.» Ivyo si vyo vyo kuryavy'intama.

Ivyokurya vy'intama ng'ibi : «Twicaranye ahantuho mw'Ijuru muri Kristo!» Oh, nimwiza cane ! si vyo? Neza cane.

67 Ubu rero reka twihute kugira ngo turangize kuko ni,egome, twarengeje amasaha. Neza cane. « Ariko ndavuga… » Reka reroturabe, mfashe umurongo wa 23 :

... Kandin'abana biwe nzobicisha urupfu, kand'amashengero yose azomenya yukw'ari jewensesa mu mishaha no mu mitima, kandi nzokwishura umuntu wese wo muri mwebweibihwanye n'ivyo mwakoze.

Ariko mwehoabasigaye mu b'i Tuwatira, abadafise iyo nyigisho mwese... (Mbega yariinyigisho bwoko ki? Amadini, abasenyeri, abasenyeri bakuru, n'abapapa. Murabona?)

«Abadafise iyo nyigisho.» Rero Muri Bibiliya, ejoku mugoroba twarabonye yuko Isirayeli, iriko iraca mu

gihugu c'Abanyamowabu, ntiyari ihanga.Baba kw'isi, kandi bari abantu, bidegemvya. Si vyo? Ni ikigereranyo; bagendabayerera, bakaba mu mahema n'ibindi. Imigwi y'Abapentekoti muri ubwo buryonyene, Abapentekoti nyakuri, bagenda bayerera bava aha baja hariya. Murabona?Ni uko!

68 …abadafise iyo nyigisho mwese (ariko baritunganije ubwabo, bayigiramwo idinirihambaye) …abadafise iyo…batamenye ivyoba bandi bita ivy'ubwina bwa Satani…

Nimwibuke rero yuko twabonye aho intebe ya Sataniyari iri. Ejo ku mugoroba, ivyo twaramujanye kugeza iyo yatanguriye. Mbega muntango intebe yiwe yari hehe? I Babuloni. Kandi Babuloni… Igihe i -inzego, umwami-muherezi w'i Babuloni, yarikoarakurikiranwa n'Abakarudaya barwana ngo bigarurire ico gihugu, yaciye aja iPerugamo, ahashira intebe yiwe. Murabona, yimura intebe yiwe ayikuye mu gihuguc'i Shinari ayizana i Perugamo. Ivyo twarabisomye ejo ku mugoroba mu bitabobivuga inkuru za kahise. Aho rero aca asubira agatangura kandi, agashirahoishengero rya Katolika, rikiri na none nyina Babuloni. Neza cane. « Ahariintebe ya Satani.»

…batamenye ivyoba bandi bita ivy'ibgina vya Satani, ndababgira, nti : Ntawundi mutwarombikoreza...»

«Nta wundi mutwaro uhari ; atari uwomusanganywe.» Izi nkehwa ziri hariya, murabona, zanyoshwe muri ca Gihe c'Umwijima.Haheze hafi imyaka igihumbi n'amajana atanu baca muri vyo.

Atar'uyu, komwumira ku co mufise mugashitsa aho nzozira.» (mu yindi mvugo, ngo : «Mumitima yanyu muracafise umugisha wo kuri wa musi wa Pentekoti. Muwugumye kugezaaho nzozira kubaruhura, kuko igihe gikurikira kigiye kuza mu gihe kiza. »)

... Uneshaakitondera ibikorwa vyanje agashitsa kw'iherezo, nzomuha ububasha bgo kuganzaamahanga :

Azoyaragiza inkoni y'icuma, nk'uko bamenagura inzavyaz'ibumba, nk'uko nanje nahawe na Data.

69 Murabona, iryo Shengero, rizoba iki igihe ryaShengero ryo mu Gihe c'Umwijima rizohaguruka ngo ricire urubanza uwo mugwi w'abapaganiba…hariya ? Bazosiribangwa ! Ibirenge vyiwe bisa n'umuringa utukujwen'umuriro bizobasiribanga, ndabibabwiye! Azobamenagura nk'uko bamenagura inzavyaz'ibumba, » niko Bibiliya ivuga.

Kandinzomuha ikinyenyeri co mu gaturuturu...(Murazi ico ari co, si vyo? Kristo ni We "Kinyenyeri co mu gaturuturu." Nezacane.)

Uri n'ugutwini yumve ico Mpwemu abgira amashengero.

70 Oh, bagenzi! Mbega ntimunezerewe! Umwanya usan'uwagiye. Hari ibindi nari mfise, nzobifata kumbure ejo ku mugoroba, kubijanye n'iyi myaka ibihumbi bibiri.

Ariko ni We Kirungu co mu Kiyaya, ca Kinyenyerigikayangana co mu Gaturuturu,

Mbony'umukunzi mwiza, Umukiza Yesu,

Niw'arut'incuti zose zo mw'isi,

N'uw'igikundiro cinshi, mbonera muri We,

Ivyo ngomba kunyeza no kunkiza.

Anyirura mbababye, ankiza amagorwa,

Mukorera amaganya yanje yose:

N'uw'igikundiro cinshi, yaka nk'inyenyeri,

Niw'arut'incuti zose zo mw'isi

Mbega muramukunda?

Ndamukunda, nda…

Tumuhimbaze ubu rero, kubwoaya Majambo akaze n'ubu Butumwa.

Kuko yabanje kunkunda,

Akanyigura ku giti I Gologota.

71 Mbegasi mwiza cane? Ndamukunda! Ubu rero, ibintu ntashoboye gushikako, murashoborakubisanga mu bitabo; nkako, kuko ntidushobora kwiga igihe c'ishengero ukokingana ku mugoroba umwe gusa. Kuri

uno mugoroba nsa n'uwutavuze cane, kukomeze nk'uwasaraye. Ariko, oh, Mbega si mwiza cane! Oh! Hmm!

Kw'isi har'abantubacaniriwe mu mutima,

N'umucanwawamanutse ku musi wa Pentekoti

Bafise imitimairurumbishwa

Ubahumanura kandi ukaboza;

Ubu uriko urakamu mutima wanje,

Oh, Izina ryiwerihabwe icubahiro!

Nezerejwen'uko nd'umwe muri bo,

Oh,nd'umwe muri bo, nd'umwe muri bo

Nezerejwen'uko nd'umwe muri bo, (Aleluya!)

Nd'umwemuri bo, nd'umwe muri bo.

Nezerejwen'uko nd'umwe muri bo.

Muranezerewe ?

72 Ndibuka igihe kimwe mw'ijoronari ngarutse mvuye i Chattanooga; indege yari yaguye muri -muri -muri Tennessee, hariya i Memphis. Bari bandajemw'ihoteli nini, nziza hariya. Kandi bari bampamagaye, bambwira bati, « indegeizohaguruka sa -sa moya zuzuye, bukeye mu gitondo.

Nari njanye amakete makeya kugira ngo ndayashiremu gasandugu k'amakete; hari ndiko ndataha i muhira, nari nishuye abagenzibanje bamwe. Ndiko ndagenda, ni ho Mpwemu Yerayambwira ati : «Komeza ugenda.» Nca ndabandanya, maze nca nshika mu gacek'igisagara kabamwo abirabure.

Ndi ngaho, nariyumviriye nti : «Oh, Ehe raba, harageze yuko indege ihaguruka.»

Ariko Mpwemu Yera akaguma ambwira ati : «Bandanya ugenda.» Nka kumwe yabigiraca gihe nari mw'ishamba hariya, murabizi. Ngo : «Bandanya ugenda.» Nca rerondabandanya.

Sinzi ukuntu ndavye hariya, kuri kamwemuri twa tuzu dusize abirabure babamwo, aboro, hariya. Uwo mutamakazi wogizengo ni Senge Jemima, yari aho yifunze ishati y'abahungu ku mutwe, yegamiyeintuze… nk'uku.

Nagendandaririmba nti :

Ndi… umwe muri bo, ndi umwe muri bo,

Nezerejwe cane no kuba nshoboye kuvuga ko ndi umwemuri bo,

(Oh, Aleluya!)

«None ugomba ko nkora iki ga Mwami?»

Ndiumwe muri bo, ndi umwe muri bo

Mbega murizera ivyo kurongorwa na Mpwemu Yera? Egokoko.

Nezerejwe cane no kuba nshoboye kuvuga ko ndi umwemuri bo.

73 Uyu musi haciye imyakacumi n'ine ivyo bibaye. Yariko araba acishije amaso hejuru y'uruzitiro. Naringeze, oh, hagati na hagati y'amazuafatanye ngira ndamushikire, maze mbona uyo mutamakazi w'umwirabureanyitegereza atankurako ijisho, murazi. Narabandanije, ndareka kuririmba, mazembandanya ngenda ndamutumbereye. Nari ndamushikiriye, nca mbona ku matama yiwemanini hariko hatemba amosozi, arandaba, maze arambwira ati : «Mwaramutse, gaPasito!. »

Naciye mpindukira, ndamubwira nti : «Mwaramutse ganyogokuru?» Aca avuga ati… Naciye mpindukira, nca mbona ariko aratwenga, afiseukumwenyura mu maso hiwe. Nca ndamubaza nti : «Wamenye gute yuko ndiumupasitori?» Hariya mu bumanuko, murazi, umuvugabutumwa bamwita «Pasitori». Mvuganti…navuze nti, "Wamenye gute yuko ndi umupasitori?"

Aca avugaati «Nari nzi yuko uja kuza!»

Ndabaza nti : «Ivyo wabimenye ute? uranzi?»

Aca avuga ati, «Oyaye, mushingantahe» Arongera ati :«Nari nzi yuko wari kuza.‟ Avuga ati, ″Mbega urazi inkuru za wa mugorew'umushunemukazi?»

Mvuga nti «Ego, cane.»

74 Aca arambwira ati : «Burya rero,‟ avuga ati, ″Jewe‟ ndi umugore ameze nka we.″ Avuga ati,‟ Umwami yarampaye umwana, kandi namubwiye yuko… namubwiye yuko nzomumurera.″Avuga ati, "Ndi umugore akenye; nkoraigikorwa co kumesura impuzu kandi nkorera abazungu kugira ngo ndonkeibimbeshaho.″ Avuga ati, "Yambwiye yuko A -Azompa umwana, nanje namubwiye yuko nzomumurera.″Avuga ati, ‟ Naramureze neza uko nashoboye, ariko″ avuga ati, "Pasito, yagiyemu bagenzi babi. Yarafashwe n'indwara, ariko nta na kimwe twigeze tumenya.″Avuga ati, ‟ Yaramaze kumusinzikaza. None ari ku mpfiro, aria ho mu nzu kumusego.″ Avuga ati, ‟ Ubu haciye imisi ibiri, yarataye ubwenge.″ Avuga ati, "Muganga yaraje avuga ko iyo ndwara yamaze kwonona umutima n'ibindi vyose, kandiko yamaze gukwiragira mu maraso hose, ku buryo ubu yaremvye cane, kandi ivyobintu bamuha vyose ata co bikimumariye. Avuga ati, ″Ariko aracikana.‟ Avugaati, ″ Mu vy'ukuri, sinshobora kwihanganira kumubona apfa ari umunyavyaha.‟Yongera avuga ati, ″ Narasenze ndongera ndasenga,‟ Avuga ati, ″Namaze ijoro ryose nsenga.‟ Avuga ati, ″Yarataye ubwenge, nta na kimweazi.‟

Avuga ati, « Imisi ibiri iraheze ataratoraubwenge.»

75 Arongera ati : «Nasenze, ndavuga nti : 'Mwami, niwe wampaye uyu mwana,' avuga ati, 'nk'ukowabikoreye wa mugore w'umushunemukazi.' Avuga ati, 'Eliya wawe ari hehe? Arihehe… ? Avuga ati, 'Neza, Ni hehe -ni hehe hari ikintu coshobora kumfasha?' »

Avuga ati : «Hanyuma, ngipfukamye, naciye mfatwan'agatiro.» Avuga ati, « Umwami aca avugana nanje, mu nzozi, » avugaati, « arambwira ati Sohoka, uhagarare kw'irembo. Haraza kuza umugabo ajakumanukana iri barabara, yambaye agakofero gashaka kwirabura n'ikoti yirabura.'Avuga ati, ' Araza kuvugana nawe.»

Arambwira ati : «Nari ngaha kuva butaraca.» Ku mugongo yari yatosekubw'igikonyozi. Aca avuga ati :«Nakubonye uje wambaye iyo nkofero ishaka kwirabura, » avuga ati, « ariko hariho agasakoshi wategerezwa kuba ufise.»

Nca mvuga nti«Nagasize kw'ihoteri.‟ Murabona? Ncamvuga nti, ″Umuhungu wawe ararwaye rero?»

Avuga ati: «Ari ku mpfiro.»

Nca ndamubwiranti : «Izina ryanje ni Branham. » Mvuga nti, « Mbega uranzi?»

Aca yishuraati : «Oyaye, mushingantahe, pasitori Branham, si -sindigera numva bakuvuga.»

Naciyendamubwira nti : «Nsengera abarwaye.» Ico si co cari kimuraje ishinga.Ntiyagomba yuko umuhungu wiwe apfa ari umunyavyaha.

76 Narinjiye; bari bafise irembo ryakera rifise icuma gifata umukogote carekera kugira ngo kirigumye (kumbure yukobenshi muri mwebwe bantu bo mu buraruko, mutomenya ico ari co), ariko ni kugirairembo rigume ryugaye. Nca ndinjira mu nzu, akazu gatoya, ka kera, gafiseutwumba tubiri (kasa n'akazu nakantuze gato…ico twita « akazu k'inkoho yoguhiga » aho rero, hari icumba ngaha,cakoreshwa nka salon' icumba co kuraramwo, n'ibindi vyose; mu mfuruka inyuma hari igikoni. Igiheninjira… Kari akazu gasharije, gasizwe ishwagara; n'ikibaho. Kubw'ivyorero…Oya, ndibaza yuko ku gisenge hariho ibipapuro bihomeshejwe ikaburimbo,ndibuka ko nabonyeko hejuru amama manini manini asa n'urume ari hejuru.

77 Rero ninjiye hariho icandiko kimanitse ku rugi, kivuga ngo : «Imana ihezagire inzuyacu.» Hari igitanda gishaje mu mfuruka, n'ikindi hirya gato. Aho niho harihari haryamye umuntu muremure kandi munini (nta na kimwe cari gishashe hasi);yari umuhungu muremure munini, uwo muhungu mwiza munini. Ndakeka ko yoba yari afise…yapimahagati y'ibiro mirongo irindwi na bitanu na mirongo umunani, akagira ubureburehafi bwa metero imwe na mirongo umunani. Kandi yari afashe mu minwe uburengeti,aniha ngo «Huum. Huum.»

Uwo mugore avuga ati : «Kana ka mama.»

Nca ndiyumvira nti : « 'kana ka mama'»?Yamara yari arwaye -yari arwaye indwaraifatira mu bihimba vy'irondoka, sifirisi. Kandi ya -yari ku mpfiro.

78 Uyo mugore yaramusomagura mu ruhanga, maze akamukorakorank'uko avuga ati : «Kana ka mana.»

Ubwo rero, umutima wanje uvyimba! Nariyumviriyenti : «Ni ivy'ukuri, n'aho woba uri mw'ishayo y'ivyaha ringana gute, uguma uriakana kiwe.‟ Ndongera nibwira nti : «N'aho yoba yarazimiye akagera kure, agumaari akana kuri nyina.» Ndaheza ndiyumvira nti : ″Imana yavuze iti 'Nyinayokwibagira umwana akiri kw'ibere, ariko Jeho sinokwibagira, kuko izina ryaweryanditswe mu biganza vyanje.'‟ Murabibona? Yoshobora ite kukwibagira!

Naritegereje uyo mweranda mukundwa agumaagendagenda mu nzu. Bene Data, umuntu yari gushobora kuvuga yuko ata co afisemu nzu yiwe ariko yari afise mu nzu i we ikintu inzu zose zo muri Indianan'ahandi zari zikwiye kuba zifise : Imana. Noshima kuba ndayifise hako mbamfise inzu nini nziza yuzuyemwo ibicapo vy'abo bagore batisonera, n'ayomashusho yose y'isoni nke kandi mabi. Aho hariho Bibiliya ya kera yuguruye,impapuro zipfunyiranye.

Nariko nditegereza uyo mugore. Aca abwira umwanawiwe ati : «Pasitori yaje kugusengera, mukunzi.»

79 Acaatangura kuvuga ati : «Uhm. Uhm. Ntihabona.Uhm.»

Nca ndabaza nti : «Ariko avuga iki?»

Aca yishura ati, "Ntazi ivyo avuga. Mugangayavuze ko 'yataye ubwenge.'" Avuga ati,"Yibaza yuko yagiye ahantu hamwe ku kiyaga kinini, ko ariko arasoza ubwato,kandi ko yatakaye." Yongera avuga ati, " Ivyo ni vyo ntashobora kwihanganira,pasitori : kubona umwana wanje ariko arapfa, yatakaye." Avuga kandi ati, "Ndazi yuko waje kumfasha, kuko Umwami ari We yabimbwiye."

Ncamvuga nti : «Ngira ndamusengere,‟ mvuga nti ” kumbure ko Umwami aja kumukiza.»

Ivyo si vyo vyari bimuraje ishinga, yagomba gusa yuko ahaguruka maze akavugayuko 'yakijijwe.' Nta kindi yasaba atari ico, yuko akizwa. Uko biri kwose, umusiumwe yategerezwa kuzopfa ; ivyo nta co vyomutwara abaye yarakijijwe! Oh,ese iyo tuba dufise iyo nyifato! Iriya Nzu Ihoraho hariya hakurya, yari azi koyokongeye kuzoyibanamwo na we kandi.

Yavugaati : « Ese gusa nomwumva yivugira ko 'yakijijwe.' »

Naciyemvuga nti : «Dupfukame.» Yaciye apfukama. Maze nca mfata ibirenge vy'uwomuhungu, kandi ibirenge vyiwe vy'ukuri vyari bikonje kandi bitimvye. Kandininashobora kubikwegerako uburengeti, kuko yari yipfutse akarengeti gatoya-gatoya gusa ; kandi nta kindi yariyambaye atari akabutura, murazi.

80 Rero kubw'ivyo we…Kandi yaguma agakwega agasubiza inyuma gurtya, yiyumvira ngoari muri bwo. Yarabufata, yibaza ko ariko arakwega ingafe. Yaguma avuga ngo :«Hari umwiza mwinshi. Uhm. Uhm. Hari umwiza mwinshi.» aho rero nyina yagerageza kumuvugisha; arikowe akabandanya avuga ati : «Hari umwiza kandi harakanye,» aguma akwega.

Hanyuma ndi -nditegereza nyina gato, aca arapfukama ngaho, nca ndamubaza nti :«Mupfaso, mwoturongora mu masengesho?»

Aca yishura ati : «Ego, mushingantahe.»

We gusa, nanje, n'uwo muhungu, na Mpwemu Yera muriico cumba , nta wundi. Ni ho rero uwo mweranda mwiza yatangura gusenga.Bagenzi ! Igihe yabwira Umwami, waca ubona yuko butari ubwa mbere avuganana We. Ego, mushingantahe ! Yari azi Uwo ariko arabwira. Yavuga ngo :«Mwami, sinzi ico ugira ukore, » avuga ati, « ariko vyose birikobigenda nk'uko wavuze.»

81 Oh, bagenzi ! Oh ! Ndanezerewe cane, ndanezerewecane kuko aracari umwe Yesu nyene wo mu gihe ca ba bera ba kera. Aracari umweYesu nyene uyu musi.

Nta kibazo na kimwe namubajije cerekeye idiniryiwe, yuko ari Umubatiste, Umupentekoti, canke ikindi. Ivyo ntivyandaba. Nariko-nariko nkurikira gusa Mpwemu Yera, na we nyene agakora gurtyo nyene. Twagombakuraba ico Yagira Akore.

Twaciye dupfukama,maze aca atangura gusenga. Arangije gusenga, yaciye ahaguruka asomagura umutwewiwe, avuga ati : «Mana hezagira akana kanje. »

Hanyuma aca avuga ati : «Ubu rero ubona wosenga,ga pasito?»

Ndamwishura nti : «Ego mupfaso.» Hari nk'isahazibiri n'igice, kumbure isaha zitatu zabura cumi n'itanu, kandi nari mu…kubirometero birenga bitatu uva ku kibuga c'indege, kandi -kandi indege yategerezwa guhaguruka isaha imweyuzuye ; ntazi n'umwanya nza kuvira ngaho.

82 Nca rero ndambika ibiganza vyanje ku birenge vyiwe,maze ndavuga nti : «Data wo mw'Ijuru, ibi sindabitahura. Kandi Wewe…Na -nategerezwakuba nafashe indege mu mwanya uheze, haraheze nk'isaha n'igice. Ariko wagumyeumbwira uti : «Genda,» kandi iki ni co kintu conyene nzi kugeza ubu. Kandiyambwiye yuko Wewe… yambonye ko nari kuza. Nimba ibi -nimba ibi yari wewe,Mwami, sinzi ikindi nokora kiretse kurambika ibiganza vyanje kuri uyu muhungu.»

Aca atangura kuvuga ati : «Oh, mama, » avugaati « haratanguye kubona hano.» Haciye nk'iminota hafi itanu, yari yicayeku buriri amaguru ari hasi ariko aragumbira nyina.

Naciye ntarukira hanze, ndiruka nja gufata itagisi,niruka nja kw'i hoteri nihuta gutora ivalizi yanje.

Niyumvira ko mpakwa gutegerezwa kurindira,kumbure umusi umwe canke ibiri muri icogihe. Murazi igihe intambara yaheruka kurangira ingene vyari bigoye kuronkaindege; ni ko rero guca niyumvira nti : «Nta kundi, ntegerezwa kuzorindiraimisi.»

Naciye mfata itagisi nca nihutira kuja hariya, kukibuga c'indege. Nkihagera, nca numva itangazo ngo, «Indege inomero 196 ija iLouisville, muri Kentucky, igira ihaguruke ubu nyene.» Imana yari yagumije iyondege hasi kubera jewe, nk'uko. Oh, ndavyizera !

83 Haciye hafi imyaka ibiri kuva ubwo, nafasheitereni ngo nje muri Arizona kwa mwene Data Sharrit, mu bikorane. Vyasaba konca guhitana mwene Data Mooren'abandi. Rero igihe nashika hariya, narahagaze hariya, i Memphis. Hanyuma itereniirahagarara, murazi mwese ukuntu ihagarara yerekeje mu burengero nk'uku,hanyuma igasubiza inyuma, igaca ikata, ikaja ku yindi ndarayi.

Baragurisha imikate mw'itereni, hafi amasentimirongo itandatu umwe umwe. Ariko nari nzi ahantu umuntu yashobora kuyigura kumasenti cumi canke cumi n'atanu, murazi. Ni co gituma narindiriye ko itereniihagarara kugira ngo nje kugura imikate mikeya. Nari ngiye kugura ha-… hamburugerizuzuye ishashe, kugira ngo ngire yubile ikwiye ndiko nja hariya. Naciye reronsohoka nihuta nca ngenda ndiruka cane, nja aho badandaza imikate ya hamburugeri;niyubara, kuko yategerezwa kumara ngaho iminota mirongo itatu.

84 Kubw'ivyo rero nca -nca ntangura kugura iyo mikate, nca numva umuntuavuze ngo : «Mwaramutse, ngaho, Pasito!» Nca ndahindukira, yari umugabo yambayeagakofero gatukura, yari ahagaze ngaho akubita ingohe, murazi, avuga ati : "Ntunzi, sivyo?"

«Sindavyibaza, muhungu»

Yaciye yegereza avuga ati : «Ndaba neza!»

Nca ndamubwira nti : «Ego?" Mvuga nti : « Sinibazayuko ndakuzi!»

Aca ambwira ati : «Jewe ndakuzi! Uripasitori Branham!»

Ncamvuga nti:«Ego ni vyo. » Mvuga nti, « Uramaze kuza muri kimwe mubikorane vyanje?»

Aranyishuraati : «Oya, mushingantahe ! » Avuga ati : "Uribuka ca gitondo hamwewaza i wacu mama nawe yari... ?»

« Oh ! » Mvuga nti, «Ntumbwireko ari wewe !»

Avugaati :«Ego ni jewe! Ni jewe ! » Avuga ati : « Pasito, » avuga ati, « narakize, mfise amagara meza , kandi meze neza. Kandi si ivyo gusa, ariko ubundi Umukristo ! »

Kandi si ivyo gusa, ariko ubu ndin'Umukristo!»

Umwami ahabwe icubahiro! Oh !

Bari bakoraniye mu nzu yo hejuru,

Bose basenga mw'Izina ryiwe;

Baca babatizwa muri Mpwemu Yera,

Maze Ubushobozi bwo gukora burabamanukira

Ivyo yabakoreye urya musi,

Irabibakorera na mwe (ntimunezerewe?);

Ndanezerejwe cane no kuba nshoboye kuvuga kondi umwe muri bo.

Ndi umwe muri bo, umwe muribo,

Ndanezerejwe cane no kuba nshoboye kuvuga kondi umwe muri bo, Haleluya!

Ndi umwe muri bo, umwe muribo,

Ndanezerejwe cane no kuba nshoboye kuvuga kondi umwe muri bo.

85 Ntibari barize menshi kandi nta kintu kinini baribazi!

N'ubwo abo bantu bataribarize ngo babe agahambaye,

Canke ngo birate ko ari ba rurangiranwakw'isi,

Bose bararonse Pentekote yabo;

Babatizwa mw'Izina rya Yesu

Kandi ubu rero, bakwira hose bavuga

Ko ubushobozi bwayo butahindutse

Ndanezerejwe cane no kuba nshoboye kuvuga kondi umwe muri bo.

Nd'umwe muri bo, ndi umwe muri bo,

Ndanezerejwecane no kuba nshoboye kuvuga ko ndi umwe muri bo, Aleluya!

Ndi umwemuri bo, ndi umwe muri bo,

Ndanezerejwecane no kuba nshoboye kuvuga ko ndi umwe muri bo.

Nuze,mwene Data, urondere iyo migisha,

Bizokwezaumutima wawe ukurwekw'icaha,

Bizotumainkengeri z'umunezero zitangura kuvuga

Kandibizotuma umushaha wawe uguma ururumba;

Oh,umuriro uriko uraka ubu nyene mu mutima wanje,

Oh, Izinaryiwe niririnahazwe

Nezerejwecane nuko…

Ubu rero nimuramutse abari imbere yanyu, inyuma yanyun'ababakikije:

Oh, ndi umwe muri bo, ndi umwe muribo,

Ndanezerejwecane no kuba nshoboye kuvuga ko ndi umwe muri bo!

Haleluya!

Ndi umwe muri bo, ndi umwe muri bo,

Ndanezerejwecane no kuba nshoboye kuvuga ko ndi umwe muri bo.

Ndiumwe muri bo, ndi umwe muri bo.

Ndanezerejwecane…?...

…umwemuri bo,

Ndanezerejwecane no kuba nshoboye kuvuga ko ndi umwe muri bo.

Ndiumwe muri bo, ndi umwe muri bo

Ndanezerewecane no kuba nshoboye kuvuga ko ndi umwe muri bo, Aleluya!

Ndi umwe muri bo, umwe muri bo,

Ndanezerejwe cane no kuba nshoboye kuvuga ko ndi umwe muri bo.

86 None iri dini rya vya bihe vyiza vya kera niirihe? Ryatanguriye hariya, kandi kuvamu ntango, ritemba Amaraso ya Yesu. Oh, bagenzi! Oh, ese ukuntu nezerejwe no kuba mfise ubu Butumwa bwiza!Oh! Oh, ego, mushingantahe!

Butembaamaraso, ego, butemba amaraso

UbuButumwa bwiza bwa Mpwemu Yera butemba amaraso

Amarasoy'abigishwa (abishwe bahorwa gushingira intahe Kristo, mu gihe cose) Y'abapfuye bose bazira Ukuri,

UbuButumwa bwiza bwa Mpwemu Yera bubandanya butemba amaraso.

Ni Ubutumwa bwiza bwoko ki? Bumeze nk'uko bwari burimu ntango, kuri Pentekoti, murabona.

Uwa mbere yapfuye kugira ashitse iyo nteguro ya MpwemuYera;

Yabaye Yohana Umubatizi. (Murabona,yari yamuhawe,akiri mu nda ya nyina, murabizi)... yapfuye nk'umugabo;

Hanyumahaje Umwami Yesu, maze baramubamba.

Yigishijeyuko Mpwemu azokiza abantu icaha.

Bwamabutemba amaraso, ego, butemba amaraso,

UbuButumwa bwiza bwa Mpwemu Yera butemba amaraso,

Amarasoy'abigishwa bapfuye bazira Ukuri,

UbuButumwa bwiza bwa Mpwemu Yera butemba amaraso.

87 Ntimushobora kubugira idini! Huh-uh!

Habayeho Petero na Paulo, na Yohana umuhishizi,

Batanze ubugingo bwabo kugira ubu Butumwa bwiza bushobore gukayangana.

Basheshe amaraso yabo, nk'abavugishwa n'Imana bo mw'Isezerano rya Kera,

Kugira ngo Ijambo nyakuri ry'Imana rivugwe neza ukoriri.

Bwama butemba amaraso, ego, bwama butemba amaraso.

Ubu Butumwa bwiza bwa Mpwemu Yera butemba amaraso Amarasoy'abigishwa bapfuye bazira Ukuri.

Ubu Butumwa bwiza bwa Mpwemu Yera bwamabutemba amaraso.

Hari impwemu z'abari munsiy'igicaniro zisemerera ngo : «Uzogeza ryari?»

Kugira ngo Umwami ahane abakoze nabi bose;

Ariko hari n'abandi benshi bazotanga amarasoy'ubuzima bwabo;

Baziraubu Butumwa bwa Mpwemu Yera n'umupfunda wabwo utukura.

Ego, bwamabutemba amaraso, ego, butemba amaraso, Ubu Butumwa bwa Mpwemu Yera butembaamaraso, Amaraso y'abigishwa bapfuye bazira Ukuri.

Ubu Butumwa bwiza bwa Mpwemu Yera bubandanya butembaamaraso.

88 Rerokuva mu gihe ca Pentekoti, n'abishwebahorwa gushingira intahe Kristo bo mu gihe ca Pentekoti, guca mw'ishengero ryaEfeso, ukabandanya i Perugamo, n'iTuwatira, no kubandanya i -i Sarudi, muBanyefeso…canke nako Filadelufiya, no gushitsa i Lawodikiya. None ubu ico tu…, niiki cabaye hano? gushika? Nk'uko Bibiliya ivuga, bose bategerezwa kwinjira, ahorero ca gikoko kizohaguruka kiva muri Leta Zunze Ubumwe za Amerika.

Mbega muribuka ivyo neretswe bikavugirwa ngaha mu1933? Nariko nja… Uru rusengero ntirwari bwanubakwe. Sinari nzi ukwerekwa icoari co, kandi ivyo navyita «kujanwa mu vyiyumviro». Nari nkiri umuvugabutumwaakiri muto w'Umubatiste, kandi twari…

Mu buzima bwanje bwose namye ngira ivyo nerekwa,kandi nsavye ngo hagire n'umwe ahaguruka avuge ko hari na rimwe ritashitse. Oya,ntivyigeze biba! Ivyo ntibishobora kuba! Murabona? Ntivyobaho!

89 Kandi ubu, igihe natangura igikorane c'ishure ryoku w'iyinga, narajanywe nko mu nzozi. Twakoranira hariya mu nzu ya kera yitwaMasonic Home, inzu ya Charlie Kern, kandi twari umugwi muto gusa. Niho nabonaumukuru w'igihugu Roosebelt yinjiza isi mu ntambara y'isi yose. Ivyabuwe !Naravuze nti... Navuze nti:«Hazoba inyigisho zitatu : Ubunazi, Ubufashiste n'Ubukominista.»Navuze nti…(ni bangahe hano bavyibuka?) Kandi naravuze nti : «Murabe nezaUbukomunista, buzoza hejuru y'ivyo vyose.»Nongeye mvuga nti: " Etiyopiya,Mussolini azoja muri Etiyopiya, ariko azonanirwa." Ndavuga nti : «Tuzoruhirakuja mu ntambara izoduhuza n'Ubudagi, ariko" mvuga nti "Ubudagi buzokikuzwan'igihome kinini cubatswe mw'ibeto." Hari hasigaye imyaka cumi n'umwe ngo rwa ruhome rwisweSiegfried rwubakwe, imyaka cumi n'umwe.

90 Navuze nti : «Hanyuma inyuma y'intambara…Tuzoruhirakuyitsinda. Hanyuma intambara imaze kurangira, hazogera aho ubushakashatsi buzokoraibintu bihambaye. » Mvuga nti, « Ico gihe rero, bazokora umuduga,kandi imiduga izorushirizaho kuba iyiburungushuye» (Murazi ingene yari imeze mu1933) Ubu rero, mvuga nti : «Izoba imeze nk'amagi, isa n'amagi. Kuko nabonyeibarabara rinini, kibarabara ryagutse cane, hari imodokari iriko igenda itagiraivola. Hari ubushobozikanaka bwayigendesha. » Uno musi iyo modokari irahari.

Naravuze nti : « Muri ico gihe…Ubu baremereye abagoregutora ; kandi abagore, mu gutora, uburuhiro… » Navuze nti :« Iki gihugu ni igihugu c'umugore, gifise ikimenyetso c'umugore. Hose muvyavugishijwe, gifise ikimenyetso c'umugore, kandi igitigiri cumi na gatatukiri hose mu vyavugishijwe. » Ni igihugu c'abagore, aridegemvya ngaha.Azogihenebereza, niwe muhonyi w'isi. »

91 (Roy, nararonse ikete wanditse rijanye n'ivyo,urya mugore ahambaye ya... «Twarasuzumye twitonze ivyaha vy'ubwicanyi bigendabiba vyose : muri vyose; haba harimwo umugore ari mu caha c'ububisha cosecakorewe muri Leta Zunze Ubumwe za Amerika.» Nivyo neza na neza! Ni abagore bigenza nabi, murabona, n'ibindi.)

Narongeye rero ndavuga nti : «Muri ico gihe, aho abagore bazoba bafiseuburenganzira bwo gutora, bazotora umuntu batari bakwiye gutora.» Ni na cobakoze mu matora aheruka. Ni ivy'ukuri! «Ibizoba intango y'ikirindiro. Muri icogihe, bizoshika yuko -yuko hazobaho umugoreazohaguruka muri Leta Zunze Ubumwe za Amerika, kandi azoba yambaye neza cane.» (Naciyenandika mu tuzitizo nti : «(Kumbure ko ari ishengero Katolika).» Murabona?«Azofata ubutegetsi ntayegayezwa aganza ubundi butegetsi, arushe abandi muriLeta Zunze Ubumwe za Amerika. Umuravye, azoba asa neza, ariko azoba afiseumutima wuzuyemwo ikibi uko bishoboka.»

92 Naciye mvuga nti : «Hanyuma nongeye kuraba, mbona Leta Zunze Ubumwe za Amerikazacitse ubunywenywe. Nta na kimwe cari gisigaye mu gihugu cose.»

Naciye rero ndabivuga bitaraba : «Rero ibi, ivyo vyari UKU NI KO UHORAHO AGIZE»

Kandinimwibaze ! Bitanu muri ivyo ndwi vyabuwe vyaramaze gushika!

Ishengero gufata ububasha, Ishengero Katolika.Hanyuma impera y'igihe izoza.

Naravuze nti : «Nabonye ikintu kimeze nk'ibishitsivyaka umuriro, ibitandara vyaguma bitaragurika vyacitse ubunywenywe; Leta ZunzeUbumwe za Amerika uko kingana cari gisigaye ari imbuga casambutse, aho nagezaamaso hose uhereye aho nari mpagaze.»

Naravuze kandi nti : «Nkurikije uko ibihe birikobiragenda, mbaye ndavuga ko ivyo bizoba hagati y'uyu mwaka wa 1933 na 1977.»Kandi ivyo bintu bizotegerezwa kwihutira gushika mu buryo butangaje kugira ngobishike muri ico kiringo.

Twicaye ku muriro, bagenzi banje. Vyose birateguwe.

93 Oh, ariko Data wa twese mukundwa wo mw'Ijuruyaratanze isezerano, Yaraduhaye isezerano! Mbega si vyiza cane kuba umushumbawa Kristo? Ibintu vyose yasezeranye! Iyumvire ; kuba dufise iri bakwe. Nimuzima, ngaha nyene. Muri kano kanya nyene ari kumwe natwe, arazi ibanga ryosery'umutima uwo ari wo wose, azi ivyanyu vyose; izo mbeya z'umuriro zishika nomu bwina bw'imitima yacu, azi ivyanyu vyose; izo mbeya z'umuriro zishika no mubwina bw'imitima yacu, arazi ivyacu vyose. Aradukunda.

Mbega ntimunezerewe kuba muri muri uno mugwi muto,kuri uno mugoroba, uno mugwi uzigama ukwizera? Kuko ari co cagezwe yatanze ngo: «Ntimutinye mwa busho buto mwe, kuko So vyamuhimbaye kubaha Ubwami. Kandi iyomisi iyo itagerurwa, nta n'umwe yokize.» Murabona, turi neza na neza ku mperay'igihe.

94 Abapentekote bariko barakonja, baba akazuyazi,kandi Imana yarabadashwe.

Hari gusa umugwi muto usohoka hano, igitigiri gitogusa, ariko muri uwo mugwi nyene niho hazokwumvikana ngo : «Ehe Umukwe araje!»Kandi ivyo ni vyashika, buri muteramyi muri abo bateramyi, ku… mwibuke yukohari abateramyi indwi. Kandi turi ku muteramyi wa nyuma. Ariko imwe imwe yosemuri izo nkumi zo mu gihe caheze ni ho ihagurukira. Amen! Oh, vyari ibiki? UmweMpwemu Yera nyene.

Rero Ishengero niryamara kugenda... Nk'ukotwabibonye ku w'iyinga ku mugoroba, Yosefu igihe yagomba kwimenyekanisha kuBisirayeli, bene se, yabanje gutaramura umugore wiwe, n'abandi bose, mazeabinjiza mu kirimba. Yasigaye wenyene ari kumwe n'Abayuda, maze arababwira ati: «Ndi Yosefu, mwene so.»

Ivyo bishire ku vyanditswe ahavugwa yuko hazobaumusi w'amaborogo aho umuryango wose uzoborogera ukwawo.

Bazovuga bati : «Izo nguma zo mu biganza vyawewazironkeye hehe?»

Azokwishuraati : «Mu biganza vya…»

« Ufise mu biganza ? »

Azovugaati, « Ni mu nzu y'abagenzi banje. »

«Abamucumise bazomwitegereza.» Ng'uyoahagaze aho, uwo Yosefu.

Yavuze ati, « Ntimu… » Nk'uko Yosefu yavuze ati : «Ntimubabare ngomwirakire, kuko Imana yakoze gurtya kugira ngo irokore ubugingo.» Iki? Ubugingobw'Ishengero, abanyamahanga, « Kuko yihitiyemwo ubwoko bwitirirwa Izinaryiwe, mu Banyamahanga.»

95 Oh, turi kw'iherezo, bene Data. Niho turi !Izina ry'Umwami nirihimbazwe! Reka twese turirimbire hamwe iyi ndirimbo nzizaya kera, bene Data na bashiki bacu b'Abapentekote. Kumbure mwovuga muti : «Jewendi Umubatiste!» Ariko nimwaba mwarahawe Umuhezagiro wo kuri Pentekoti, uriUmupentekoti. Uh-hum. Neza cane. Neza cane:

Haragahezagirwa mugozi ufataniriza

Imitima yacu mu rukundo Rukristo;

Isangira ry'abahuje umutima n'inama.

Ninka rya rindi rya hariya hejuru.

Ubu rero, nimwumve, bene Data. Mu rugendorw'ubuzima bwanyu, namba muri mwebwe hari n'umwe yinjiwemwo n'umururazi namukeya mu mutima wiwe (Munyumve neza!), nimuwusohore ubu nyene. Nimubikore,ntimukigere mureka ikintu na kimwe...

[Mushikiwacu umwe avuze mu ndimi. Agace katavuga kuri bande. Mwene Data umwearasobanuye - Umw.] Amen. [Mwene Data umwe avuze mu ndimi aca yongeraarasobanura.] Amen. Amen.

96 Mwami Yesu,turagushimira ku bwa buno butumwa. Biradushwashwanura, Mwami tuzi yukotutaretse ahubwo twazigamye ukwizera. Oh, ndasavye, Mana, yuko Mpwemu abandanyakuguma mw'ishengero. Utugumize turi hafi na hafi, Data. Utugumize hamwe nawe.Kandi ugendere hagati yacu, Mwami, muri kino gihe c'igiterekwakw'itara ca nyumaturimwo. Ube Umuco wacu. Dukayanganireko, muri bino bihe bikomeye vy'umwijima,Mwami, kuko tubona yuko ico giterekwakw'itara n'inyenyeri vyerekana ko hari"umwijima." Kandi Mwami, turahimbawe kuko turi abana b'Umuco, tugendera mu Mucow'Imana. Ntituboshwe n'isi hamwe n'ibi bintu vyose vy'isi, ariko turi abanabawe. Ukuntu tugushimira kubw'ibi bintu.

Turagushimiye ko warungitseubu butumwa nk'icemezo c'Ijambo ryawe. Wame uhabwa icubahiro hagati yacu, Data.Utugumize kure y'umururazi w'isi wose. Utugumize twejejwe, kugira ngo ubugingobwacu bube ubutryorowe, budahumanye kandi bwejewe imbere yawe. Reka Amaraso yaYesu Kristo akorere ivyo umwumwe wese muri twebwe, Mwami. Kura hagati yacu,nimba hoba hari ikintu na kimwe kitameze neza. Nukidukuremwo, Mwami. Iki niigihe co gusuzuma ibihe.

Ibi bikorane bigamijeiyo ntego nyene yo gusuzuma imitima yacu. Wavuze yuko za nyonga zawe zisan'imbeya z'umuriro, "zisesa zikamenya ivyinyegeje i bwina mu mitima." Urabikorakoko, Data. No kongera kuvugana natwe maze ukatubwira kugira…ko tugumatwiteguye kuko igihe gishitse.

Oh, ukuntu tugushimirakubw'ibi, Data. Ivyo tuzobikora n'ibiri muri twebwe vyose kubw'Ubuntu bwawe.Amen.

97 Oh, mbegantimumukunda ? Oh, mbega ntimumukunda? Ubu rero, hamwe hoba harihoumushitsi hagati yacu, uku niko vyari bimeze mu ntango. Igihe Yesu yari hanokw'isi, Yavuze, umuntu kanaka yaramubajije ku bijanye no kwabirana no kwahukanacanke ikintu nk'ico, aca avuga ati, "Siko vyari bimeze uhereye ubwa mbere nambere hose." Bategerezwa gusubira kw'itanguriro.

Rero nimba intango ryariishengero rya Pentekoti kandi akaba Ari We Giti c'umuzabibu, natwe tukabaamashami, igihe cose ico Giti c'umuzabibu kizoba kizanye ishami, rizoba ariishengero rya Pentekoti, ishami rya Pentekoti; nka kwa kundi nyene ryari muntango (Murabona?), igihe cose. Rero, murashobora kumadikamwo ayandi mashamiy'urundi ruzabibu muri wo ariko azokwama ivyamwa vyayo. Murashobora gufataigiti c' u -umucungwe mukamadikamwo ishami ry'indimu muri co, rizokwama indimunaho ribeshejweho n'ubuzima buri mu mucungwe. Shiraho ishami ry'icamwa c'ubundi bwoko iruhandeyaryo, rizokwama ubwobwoko kuko ari icamwa c'indimu.

98 Rero aya mashirahamwe,amadini n'ibindi, bamaditswemwo ngaho, biyita Abakristo, barashobora kubeshwaho n'ubuzima bwa Rukristo. Uko niukuri kwuzuye, ariko bazokwama ivyamwa vy'ikidini. Uko ni ukuri, kukobamaditswemwo uko. Ariko iryo shami ubwaryo riramutse rizana i…canke nako icoGiti c'umuzabibu kiramutse kizana irindi shami, rizoba…rizokwandika Igitaboc"ivyakozwe inyuma yaryo. Uko ni ukuri. Kuko ari vyo vyabaye ubwa mbere. Burishami kizanye ubwaco rizokwama imicungwe, iryo ari ryo ryose. Kandi Bibiliyayaravuze; gifise amashami cumi n'abiri kuri co.

Oh, ndanezerewe cane nokuba mbayeho muri iryo shami, namwe si uko ? Ego, mushingantahe. Oh, nivyiza cane.

Neza cane, mwibuke ejoku mugoroba rero ku gihe ca Filade…ca Sarudi. I…?...ukuza kw'idiniry'Ikiluteli, Martin Luther…?....

www.messagehub.info

Ubutumwa bwa

William Marrion Branham

"...mu minsi y'ijwi..." Ivyah 10:7